REPUBLIKA Y'I BURUNDI
REPUBLIQUE DU BURUNDI

UMWAKA WA 31
N° 4 /92
1 Ndamukiza

31ème ANNÉE
N° 4 /92
1 Avril

UBUMWE — IBIKORWA — AMAJAMBERE

IKINYAMAKURU C'IBITEGEKWA MU BURUNDI

BULLETIN OFFICIEL DU BURUNDI

IBIRIMWO

SOMMAIRE

13 NTWARANTE 1992. - 1/06.
IBWIRIZWA NSHINGIRO RYA REPUBLIKA Y'UBURUNDI 95
13 Mars 1992. - 1/06.
CONSTITUTION DE LA REPUBLIQUE DU BURUNDI 95

DECRET-LOI N° 1/06 DU 13 MARS 1992 PORTANT PROMULGATION DE LA CONSTITUTION DE LA REPUBLIQUE DU BURUNDI

LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE DU BURUNDI,

Vu le Décret-Loi n° 1/31 du 24 octobre 1988 portant organisation des pouvoirs législatif et réglementaire ;

Vu le Décret-Loi n° 1/25 du 01 septembre 1982 portant Code électoral tel que modifié à ce jour ;

Vu le Décret n° 100/012 du 12 février 1992 portant Convocation du Référendum sur le Projet de Constitution ;

Le Peuple Burundais ayant approuvé, par Référendum organisé le 09 mars 1992, le Projet de Constitution de la République du Burundi :

Article Unique : Promulgue la Loi dont le texte est annexé au présent Décret-Loi et qui devient la Constitution de la République du Burundi à dater de ce jour.

Fait à Bujumbura, le 13 mars 1992

Pierre BUYOYA
Major

PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,
LE PREMIER MINISTRE
ET MINISTRE DU PLAN,

Adrien SIBOMANA

VU ET SCELLE DU SCEAU
DE LA REPUBLIQUE,
LE MINISTRE DE LA JUSTICE,

Sébastien NTAHUGA

INTANGAMARARA

Abarundi twese,

Twihweje uruhara n'amabanga bihambaye dufise mu kubungabunga igihugu cacu n'ugutunganiriza kazoza keza Uburundi bw'ejo;

Twishimikije ishaka ntangere dufise ryo kwubaka igihugu kirangwa n'ubumwe nk'uko Amasezerano y'Ubumwe twapfunditse kw'igenekerezo rya 5 Ruhuhuma 1991 abitomora;

Kubera ko ari nkenerwa cane gutunganya intwaro rusangi no kwubaka igihugu kirangwamwo intahe n'ingingo;

Kubera ko twiyemeje gukomeza umutima wo kwubahiriza agateka ka zina muntu twisunze Amasezerano y'isi yose yerekeye agateka ka zina muntu yo kw'igenekerezo rya 10 Kigarama 1948, Amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu yo kw'igenekerezo rya 16 Kigarama 1966, Amasezerano y'ibihugu vy'Afirika yerekeye agateka ka zina muntu n'agateka k'abanyagihugu yo kw'igenekerezo rya 18 Ruheshi 1981 hamwe n'Amasezerano y'Ubumwe bw'abarundi;

Twihweje ishaka dufise ryo kubungabunga no gukomeza amahoro n'ubutungane mu bantu;

Kubera ko twemeza ko ari ngombwa kwijukira iterambere mu butunzi, mu mibano no guhagararira imico n'akaranga vy'Uburundi,

Dufatiye kandi kw'ishaka dufise ryo kwubahiriza izina ry'Uburundi mu makungu, ukwikukira kw'igihugu mu biraba intwaro n'iterambere;

PREAMBULE

Nous, Peuple Burundais,

Conscient de nos responsabilités et de nos devoirs devant l'histoire et les générations futures ;

Réaffirmant notre foi dans l'idéal d'unité nationale conformément à la Charte de l'unité nationale du 5 février 1991 ;

Considérant la nécessité d'instaurer un ordre démocratique pluraliste et un Etat de droit ;

Proclamant notre attachement au respect des droits fondamentaux de la personne humaine tels qu'ils résultent de la Déclaration universelle des droits de l'homme du 10 décembre 1948, les Pactes internationaux relatifs aux droits de l'homme du 16 décembre 1966, la Charte africaine des droits de l'homme et des peuples du 18 juin 1981 et la Charte de l'unité nationale ;

Considérant notre attachement à la paix et à la justice sociales ;

Conscient de l'impérieuse nécessité de promouvoir le développement économique et social de notre pays et d'assurer la sauvegarde de notre culture nationale ;

Réaffirmant notre détermination à défendre la souveraineté et l'indépendance politique et économique de notre pays ;

Kubera ko twemeza ko mu migenderanire y'amakungu, ibihugu vyose bitegerezwa kwubahirizwa mu kwishira n'ukwizana kwavyo ;

Kubera ko twemeza yuko imigenderanire ibihugu bifitaniye itegerezwa kwama irangwa n'amahoro, umubano mwiza n'ugufashanya nk'uko Amasezerano y'Ishirahamwe mpuzamakungu yo kw'igenekerezo rya 26 Ruheshi 1945 abitomora;

Twishimikije ishaka ry'ugukomeza ubumwe muri Afirika nk'uko bitegekanijwe mu Masezerano y'Ubumwe bw'ibihugu vy'Afirika yo kw'igenekerezo rya 25 Rusama 1963;

Turemeje icese iri Bwirizwa Nshingiro ari ryo Bwirizwa ngenderwako ry'Uburundi.

Ikigabane ca mbere

IVYEREKEYE IGIHUGU N'INGENE UBUTEGETSI BUKOMOKA KU BANYAGIHUGU

Ingingo ya mbere

Uburundi ni Repubulika imwe rudende, yigenga vy'ukuri, itegamiye idini na rimwe kandi ishingiye ku ntwaro rusangi.

Intwaro Uburundi bushimikiyeko ikomoka ku banyagihugu, ni bo bayishinga kandi ni bo iharanira.

Intwaro rusangi mu Burundi itegerezwa kwama yisunga imigenzo kama ngenderwako ; na yo ikaba ari ubumwe bw'abanyagihugu, amahoro n'ubutungane kuri bose, iterambere ry'abanyagihugu, ukwikukira kw'igihugu n'ukwiyubahiriza mu makungu.

Affirmant l'importance, dans les relations internationales, du droit des peuples à disposer d'eux-mêmes ;

Considérant que les relations entre les peuples doivent être caractérisées par la paix, l'amitié et la coopération conformément à la Charte des Nations Unies du 26 juin 1945 ;

Réaffirmant notre attachement à la cause de l'unité africaine conformément à la Charte de l'Organisation de l'Unité Africaine du 25 mai 1963 ;

Adoptons solennellement la présente Constitution qui est la Loi fondamentale de l'Etat.

Titre premier

DE L'ETAT ET DE LA SOUVERAINETE DU PEUPLE

Article 1er

Le Burundi est une République unitaire, indépendante et souveraine, laïque et démocratique.

Son principe est le gouvernement du peuple, par le peuple et pour le peuple.

Son système démocratique doit être en accord avec les valeurs fondamentales de la société qui sont l'unité nationale, la paix sociale, la justice sociale, le développement, l'indépendance et la souveraineté nationales.

Ingingo ya 2

Abanyagihugu ni bo soko ry'ubutegetsi mu gihugu ; ni bo bitorera ababaserukira ngo barangure amabanga y'intwaro, canke bakifatira bo nyene ingingo zirongora igihugu biciye mw'itora.

Nta murwi n'umwe w'abanyagihugu kandi nta muntu n'umwe ashobora kwiha no kwihariza ubutegetsi.

Article 2

La souveraineté nationale appartient au peuple qui l'exerce, soit par ses représentants, soit directement par la voie du référendum.

Aucune partie du peuple ni aucun individu ne peut s'en attribuer l'exercice.

Ingingo ya 3

Umunyagihugu wese akwije ibitegekanijwe n'amabwirizwa afise uburenganzira bwo gutora. Mw'itora nta jwi riruta irindi, kandi umuntu wese atora mu mwiherero. Mu gutora, abanyagihugu bashobora kwitorera bo nyene abategetsi canke bagatora ababaserukira gutora abo bategetsi nk'uko bitegekanijwe n'Ibwirizwa Nshingiro canke ayandi mabwirizwa.

Abarekuriwe gutora, hakurikijwe amabwirizwa, ni abarundi bose bakwije imyaka cumi n'umunani kandi ata bibakumira mu mabanga y'igihugu.

Article 3

Le suffrage est universel, égal et secret. Il peut être direct ou indirect dans les conditions prévues par la Constitution ou par la loi.

Sont électeurs, dans les conditions déterminées par la loi, tous les Burundais âgés de dix-huit ans révolus et jouissant de leurs droits civils et politiques.

Ingingo ya 4

Repubulika y'Uburundi igizwe n'intara n'amakomine.

Ibwirizwa riratomora ingene intara n'amakomine biringanijwe n'uburyo bitwarwa ; kandi ni ryo ryerekana ingene iyindi mihingo igaburwa.

Ibwirizwa ni ryo rishobora guhindura imbibe n'igitigiri c'intara n'amakomine.

Igihugu ntigishobora guhindura imbibe canke ngo kinyenyagurwe, kiretse hakurikijwe ibitegekanijwe n'ikigabane ca cumi na rimwe c'iri Bwirizwa Nshingiro.

Article 4

La République du Burundi est subdivisée en provinces et en communes

La loi détermine leur organisation et leur fonctionnement ainsi que d'autres circonscriptions administratives.

Elle peut en modifier les limites et le nombre.

Le territoire national est inaliénable et indivisible sous réserve des dispositions du Titre XI de la présente Constitution.

Ingingo ya 5

Umurwa mukuru w'igihugu ushinzwe i Bujumbura. Ibwirizwa rirashobora kuwimurira ahandi hose mu gihugu.

Ingingo ya 6

Ibendera ry'Uburundi rigizwe n'amabara atatu : iry'urwatsi rutoto, iryera n'iritukura. Rishushanijwe bwa rukiramende, rikagaburwamwo ibice bine. Hagati hakaba urubumbiro rwera rurimwo inyenyeri zitatu zitukura zifise amasonga atandatu imwe imwe, kandi zikagira inyabutatu ngereranyo ifise impande zose zingana, na yo ikaba mu muzingi ngereranyo usangiye itsina na rwa rubumbiro. Ishingiro ryayo rikaba ribangabanganywe n'uburebure bw'ibendera.

Ibwirizwa ni ryo ritomora uko ibendera rireha n'ibindi vyose bikenewe.

Ingingo ya 7

Icivugo c'Uburundi ni **Ubumwe, Ibikorwa, Amajambere.**

Ikimenyetso ca Repubulika y'Uburundi ni inkinzo ishushanijeko umutwe w'intare n'amacumu atatu, vyose bikaba bikikijwe n'icivugo c'igihugu.

Ururirimbo rwo guhayagiza igihugu ni **Burundi Bwacu.**

Ikimangu ca Repubulika y'Uburundi gishingwa n'ibwirizwa.

Ingingo ya 8

Ururimi kavukire ni Ikirundi. Indimi zikoreshwa mu ntwaro ni Ikirundi hamwe n'izindi zishingwa n'ibwirizwa.

Article 5

La capitale du Burundi est fixée à Bujumbura. Elle peut être transférée en tout autre lieu de la République par la loi.

Article 6

Le drapeau du Burundi est tricolore : vert, blanc et rouge. Il a la forme d'un rectangle partagé par un sautoir, comportant en son centre un disque blanc frappé de trois étoiles rouges à six branches qui forment un triangle équilatéral fictif inscrit dans un cercle fictif ayant le même centre que le disque et dont la base est parallèle à la longueur du drapeau.

La loi précise les dimensions et les autres détails du drapeau.

Article 7

La devise du Burundi est **Unité, Travail, Progrès.**

L'emblème de la République est un écu frappé de la tête du lion ainsi que de trois lances, le tout entouré de la devise nationale.

L'hymne national est **Burundi Bwacu.**

Le sceau de la République est déterminé par la loi.

Article 8

La langue nationale est le Kirundi. Les langues officielles sont le Kirundi et les autres langues déterminées par la loi.

Ingingo ya 9

Ibwirizwa ni ryo rishinga uburyo umuntu aronka akaranga kamugira Umurundi, ingene akagumya n'ingene akakwa.

Article 9

La qualité de Burundais s'acquiert, se conserve et se perd selon les conditions déterminées par la loi.

Ikigabane ca kabiri

IVYEREKEYE AGATEKA KA ZINA MUNTU N'IBIJEJWE UMUNYAGIHUGU N'UMUNTU WESE

Ingingo ya 10

Ku vyerekeye agateka ka zina muntu n'ibitegetswe umunyagihugu n'umuntu wese, iri Bwirizwa Nshingiro riremeje ivyo vyose bitegekanijwe n'Amasezerano y'isi yose yerekeye agateka ka zina muntu, Amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu, Amasezerano y'ibihugu vy'Afirika yerekeye agateka ka zina muntu n'agateka k'abanyagihugu hamwe n'Amasezerano y'Ubumwe bw'abarundi.

Titre II

DES DROITS DE L'HOMME, DES DEVOIRS DE L'INDIVIDU ET DU CITOYEN

Article 10

Les droits et les devoirs proclamés et garantis par la Déclaration universelle des droits de l'homme, les Pactes internationaux relatifs aux droits de l'homme, la Charte africaine des droits de l'homme et des peuples et la Charte de l'unité nationale font partie intégrante de la présente Constitution.

1. Ibiraba agateka ka zina muntu

Ingingo ya 11

Zina muntu wese ategerezwa gusonerwa. Inzego z'igihugu zibwirizwa na ntaryo kumwubaha no kumwubahiriza.

Ingingo ya 12

Umuntu wese arashobora kwiteza imbere muri vyose kandi agatunganirwa ata nkomanzi, yubaha iri Bwirizwa Nshingiro, umutekano, imico n'imigenzo myiza iranga igihugu, ariko kandi atarenganije abandi.

1. Des droits de l'homme

Article 11

La personne humaine est sacrée et inviolable. L'Etat a l'obligation absolue de la respecter et de la protéger.

Article 12

Chacun a droit au développement et au plein épanouissement de sa personne dans le respect de la présente Constitution, de l'ordre public, des bonnes moeurs et des droits d'autrui.

Ingingo ya 13

Ubuzima bw'umuntu wese butegerezwa gusonerwa n'ukwubahirizwa.

Article 13

Chacun a droit à la vie, à la sûreté de sa personne et à son intégrité physique.

Ingingo ya 14

Umuntu wese arishira akizana ata nkomanzi.

Ibwirizwa ni ryo ryonyene rishobora gutuma ubwo burenganzira bugabanuka.

Umuntu wese abujijwe kwishira n'ukwizana ategerezwa gufatwa runtu akagumana agateka kagenga zina muntu.

Article 14

La liberté de la personne humaine est inviolable.

Des restrictions ne peuvent être apportées à cette liberté qu'en vertu de la loi.

Toute personne privée de sa liberté est traitée avec humanité et avec le respect de la dignité inhérente à la personne humaine.

Ingingo ya 15

Abantu bose baranganya iteka, ivyo bemerewe n'ivyo bajejwe ni bimwe ; ntawurekuriwe kubatandukanya afatiye ku gitsina, ku mamuko, ku bwoko, kw'idini canke ku vyiyumviro vyabo.

Abantu bose barangana imbere y'amabwirizwa, arabubahiriza bose co kimwe ata gucagura.

Article 15

Tous les hommes sont égaux en dignité, en droits et en devoirs sans distinction de sexe, d'origine, d'ethnie, de religion ou d'opinion.

Tous les hommes sont égaux devant la loi et ont droit, sans distinction, à une égale protection de la loi.

Ingingo ya 16

Nta muntu n'umwe ashobora gukurikiranwa, gufatwa canke gupfungwa bidaciye mu mabwirizwa ahana icaha yagirizwa kandi yashizweko igikumu imbere yuko akora nya caha.

Umuntu wese arashobora kuburana imbere ya Sentare iyo ari yo yose nk'uko bitegekanijwe kandi mu buryo butomowe n'amabwirizwa.

Ntawushobora kubuza umuntu, ku gahato, gushinga urubanza muri Sentare yagenywe n'ibwirizwa.

Article 16

Nul ne peut être inculpé, arrêté ou détenu que dans les cas déterminés par la loi promulguée antérieurement aux faits qui lui sont reprochés.

Le droit de la défense est garanti devant toutes les juridictions.

Nul ne peut être distrait, contre son gré, du juge que la loi lui assigne.

Ingingo ya 17

Iyo umuntu yagirijwe icaha, ntigishobora kumwagira bidaciye mu ntahe y'icese, kandi akaba yaronse uburyo bwo kwiregura.

Ingingo ya 18

Ntawushobora guhanwa kubera ivyo yirengagije canke ivyo yakoze, kandi bitari vyemewe ko ari ivyaha igihe yabikora.

Bisubiye, umuntu ntashobora guhabwa igihano kirengeye icari gitegekanijwe igihe yakora icaha kimwagiriye.

Ingingo ya 19

Nta n'umwe ashobora gupfungwa hadakurikijwe uko amabwirizwa abitegekanya, na cane cane nk'iyo umutekano ushobora guhungabana mu gihugu canke iyo igihugu kigeramiwe.

Ingingo ya 20

Nta muntu ashobora gusinzikarizwa amagara, ngo afatwe nk'inyamaswa canke ngo bamukureko agateka.

Ingingo ya 21

Umuntu wese afise uburenganzira bwo gutunganya ivyiwe atawumuciriyemwo, mu rugo iwe, mu twiwe n'abiwe no mu makete yanditse canke yandikiwe. Ntawurekuriwe kandi gukurako urupfasoni umuntu n'ukumwandagaza.

Ntawushobora gutegeka gusaka canke kwitera mu nzu y'umuntu atisunze amabwirizwa abitegekanya.

Article 17

Toute personne accusée d'un acte délictueux est présumée innocente jusqu'à ce que sa culpabilité ait été légalement établie au cours d'un procès public durant lequel toutes les garanties nécessaires à sa libre défense lui auront été assurées.

Article 18

Nul ne sera condamné pour des actions ou omissions qui, au moment où elles ont été commises, ne constituaient pas une infraction.

De même, il ne peut être infligé de peine plus forte que celle qui était applicable au moment où l'infraction a été commise.

Article 19

Nul ne peut être soumis à des mesures de sûreté que dans les cas et les formes prévus par la loi notamment pour des raisons d'ordre public ou de sécurité de l'Etat.

Article 20

Nul ne peut être soumis à la torture, ni à des sévices ou traitements cruels, inhumains ou dégradants.

Article 21

Nul ne peut faire l'objet d'immixtion arbitraire dans sa vie privée, sa famille, son domicile ou sa correspondance, ni d'atteintes à son honneur et à sa réputation.

Il ne peut être ordonné de perquisitions ou de visites domiciliaires que dans les formes et les conditions prévues par la loi.

Ibwirizwa ni ryo ryubahiriza amabanga ari mu makete no mu bundi butumwa.

Ingingo ya 22

Abarundi bose bafise uburenganzira bwo kuja no kuba aho bagomba mu Burundi. Bashobora kuva mu gihugu canke bakagaruka igihe bavyipfuza.

Ntawushobora gukora kuri ubwo burenganzira adafatiye ku mabwirizwa kugira ngo abungabunge umutekano, ngo azitire ivyago vyoshikira igihugu n'ivyoshikira abanyagihugu, canke ngo akingire abantu bageramiwe.

Ingingo ya 23

Nta murundi n'umwe ashobora kwangazwa.

Ingingo ya 24

Umuntu ahungiye mu Burundi arakirwa hakurikijwe amabwirizwa.

Ugushira umuntu mu minwe y'igihugu kimukurikirana bishoboka igihe amabwirizwa abirekuye gusa.

Nta murundi ashobora gushirwa mu minwe y'ikindi gihugu kimukurikirana.

Ingingo ya 25

Umuntu wese arubahirizwa mu vyiyumviro vyiwe, agakurikiza uko umutima wiwe umubariye, akaja mw'idini ashaka, mu gihe bitonona umutekano kandi bidateye kubiri n'amabwirizwa.

Uburenganzira umuntu afise bw'ugusenga n'ukugaragaza ivyo yemera ntibushobora gutera kubiri n'ingingo ngenderwako yemeza ko igihugu kitegamiye idini na rimwe.

Le secret de correspondance et de communication est garanti dans le respect des formes et conditions déterminées par la loi.

Article 22

Tous les Burundais ont le droit de se déplacer et de se fixer librement sur le territoire national ainsi que de le quitter et d'y revenir.

L'exercice de ce droit ne peut être limité que par la loi pour des raisons d'ordre public ou de sécurité de l'Etat, pour parer aux dangers collectifs ou pour protéger des personnes en danger.

Article 23

Aucun citoyen ne peut être contraint à l'exil.

Article 24

Le droit d'asile est reconnu dans les conditions définies par la loi.

L'extradition n'est autorisée que dans les limites prévues par la loi.

Aucun Burundais ne peut être extradé à l'étranger.

Article 25

Toute personne a droit à la liberté de pensée, de conscience, de religion et de culte dans le respect de l'ordre public et de la loi.

L'exercice du culte et l'expression des croyances s'effectuent dans le respect du principe de la laïcité de l'Etat.

Ingingo ya 26

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo guserura ivyiyumviro vyiwe ata nkomanzi mu gihe bitonona umutekano kandi bidateye kubiri n'amabwirizwa.

Uburenganzira bwo kumenyesha amakuru buremewe kandi bwubahirizwa n'inzego z'igihugu.

Inama Nkuru ishinzwe gucungera ivyerekeye kumenyesha no guhanahana amakuru irubahiriza imenyeshwa ry'amakuru mu buryo ubwo ari bwo bwose biciye mu kwubahiriza amabwirizwa, umutekano, imigenzo n'imico myiza y'igihugu.

Kugira ngo irangure amabanga ijejwe, iyo Nama ifise ububasha bwo gushinga ingingo nko mu vyerekeye kwubahiriza ukwishira n'ukwizana mu kumenyesha amakuru no mu kugene imigambwe ikoresha, ata karenganyo, uburyo bwo kumenyesha amakuru buri mu minwe y'inzego z'igihugu.

Iyo Nama irahanuzwa kandi n'Urwego Nshikiranganji kuri ivyo vyose vyerekeye guhanahana amakuru.

Article 26

Toute personne a droit à la liberté d'opinion et d'expression dans le respect de l'ordre public et de la loi.

La liberté de presse est reconnue et garantie par l'Etat.

Le Conseil national de la communication veille à la liberté de la communication audio-visuelle et écrite dans le respect de la loi, de l'ordre public et des bonnes moeurs.

Le Conseil a, à cet effet, un pouvoir de décision notamment en matière de respect de la liberté de presse et d'accès équitable des partis politiques aux médias de l'Etat.

Ce Conseil joue également un rôle consultatif auprès du Gouvernement en matière de communication.

Ingingo ya 27

Umuntu wese ashobora kwitungira ivyiwe.

Ntawushobora kubimuterako, kiretse inzego z'igihugu, nazo nyene igihe zibikeneye ku neza ya bose, zikabigira zisunga amabwirizwa abitegekanya, kandi zibanje kumushumbusha bikwiye, canke mu gukurikiza urubanza rwacitse ubutagisubirwamwo.

Article 27

Toute personne a droit à la propriété.

Nul ne peut être privé de sa propriété que pour cause d'utilité publique, dans les cas et de la manière établis par la loi et moyennant une juste et préalable indemnité ou en exécution d'une décision judiciaire coulée en force de chose jugée.

Ingingo ya 28

Umuntu wese ashobora kuja inama n'abo ashaka no kuja mu mashirahamwe ashaka mu gihe bidateye kubiri n'amahoro n'umutekano kandi yisunze amabwirizwa.

Article 28

La liberté de réunion et d'association pacifiques est garantie dans les conditions fixées par la loi.

Ingingo ya 29

Umurundi wese arafise ijambo mu vyerekeye intwaro no mu gutunganya ivy'igihugu, yiserukiye we nyene canke aciye ku bamuserukira, ariko bidateye kubiri n'amabwirizwa abitegekanya, nk'ayerekeye imyaka y'amavuka n'ayashinga ububasha bw'ababikwiye.

Umurundi wese ashobora kandi gushingwa amabanga y'igihugu.

Ingingo ya 30

Umuryango ni wo nshingiro rya mbere ry'igihugu. Ukwubaka ni ryo fatiro ryawo ryemewe. Inzego z'igihugu zitegerezwa kwama zivyubahiriza.

Abavyeyi bategerezwa kurera abana babo, ni agateka kamere. Mu kurangura iryo banga bashigikirwa n'inzego nkuru z'igihugu n'iz'intango.

Imiryango, inzego z'igihugu n'igihugu cose mbere bitegerezwa gukingira bimwe biboneka abana n'urwaruka.

Ingingo ya 31

Umuntu wese akwiye kuronka ibimufasha mu vyerekeye ubutunzi, imibano, imico n'ubumenyi kugira ngo yiteze imbere, aronke iteka rimukwiye, bafatiye ku butunzi bw'igihugu n'umwimbu w'abanyagihugu.

Ingingo ya 32

Umurundi wese akwiye kuronka inyigisho, indero n'ubumenyi.

Leta itegerezwa gutunganya izo nyigisho mu mashure yayo.

Article 29

Tout Burundais a le droit de participer, soit directement, soit indirectement par des représentants, à la direction et à la gestion des affaires de l'Etat sous réserve des conditions légales, notamment d'âge et de capacité.
Tout Burundais a également le droit d'accéder aux fonctions publiques de son pays.

Article 30

La famille est la cellule de base naturelle de la société. Le mariage en est le support légitime. La famille et le mariage sont placés sous la protection particulière de l'Etat.
Les parents ont le droit naturel et le devoir d'éduquer et d'élever leurs enfants. Ils sont soutenus dans cette tâche par l'Etat et les collectivités publiques.

Tout enfant a droit, de la part de sa famille, de la société et de l'Etat, aux mesures de protection spéciale qu'exige sa condition de mineur.

Article 31

Toute personne est fondée à obtenir la satisfaction des droits économiques, sociaux et culturels indispensables à sa dignité et au libre développement de sa personne, grâce à l'effort national et compte tenu des ressources du pays.

Article 32

Tout citoyen a droit à l'égal accès à l'instruction, à l'éducation et à la culture.

L'Etat a le devoir d'organiser l'enseignement public.

Mugabo abantu babishatse barashobora kwishingira amashure bisunze ibwirizwa ribitegekanya.

Toutefois, le droit de fonder les écoles privées est garanti dans les conditions fixées par la loi.

Ingingo ya 33

Leta iremera ko abanyagihugu bose bakwiye kuronka umwuga ubatunga. Irakora uko ishoboye kugira ngo ivyo biranguke. Irubahiriza umukozi wese kugira ngo aronke impembo ikwiranye n'amabanga arangura canke umwimbu yimbura.

Article 33

L'Etat reconnaît à tous les citoyens le droit au travail et s'efforce de créer des conditions qui rendent la jouissance de ce droit effective. Il reconnaît le droit qu'a toute personne de jouir des conditions de travail justes et satisfaisantes et garantit au travailleur la juste rétribution de ses services ou de sa production.

Ingingo ya 34

Abantu bose bategerezwa kuronka impembo ingana, iyo bakora akazi kamwe kandi babishoboye kumwe.

Article 34

A compétence égale, toute personne a droit, sans aucune discrimination, à un salaire égal pour un travail égal.

Ingingo ya 35

Umukozi wese ashobora guhagararira ibimwerekeye mu kazi, akabigira yisunze amabwirizwa, we nyene ubwiwe, afatanije n'abandi canke aciye ku mashirahamwe y'abakozi.

Ibwirizwa ni ryo riringaniza ingene abakozi bashobora guhagarika akazi.

Article 35

Tout travailleur peut défendre dans les conditions déterminées par la loi, ses droits et ses intérêts, soit individuellement, soit collectivement ou par l'action syndicale.

Le droit de grève s'exerce dans les conditions définies par la loi.

Ingingo ya 36

Umuntu wese ategerezwa kwubahirizwa mu bikorwa arangura bimutera iteka canke bikamugirira akamaro, vyaba ibivuye mu gutohoza ubuhinga, mu vyo yanditse canke mu bundi buhinga ubwo ari bwo bwose.

Article 36

Chacun a droit à la protection des intérêts moraux et matériels découlant de toute production scientifique, littéraire ou artistique dont il est l'auteur.

Ingingo ya 37

Umunyamahanga wese ari mu Burundi ategerezwa gukingi-

Article 37

Tout étranger qui se trouve sur le territoire de la

rwa mu buzima bwiwe no mu matungo yiwe nk'uko iri Bwirizwa Nshingiro n'ayandi mabwirizwa abitegekanya.

République jouit de la protection accordée aux personnes et aux biens en vertu de la présente Constitution et de la loi.

Ingingo ya 38

Muri ivyo vyose umuntu wese arekuriwe, ntagishobora kumwimira, atari amabwirizwa, nayo nyene yafashwe kugira ngo yubahirize agateka k'abandi bantu canke imico myiza mu gihugu, umutekano n'ineza ya bose, biranga igihugu gitwarwa mu ntwaro rusangi.

Article 38

Dans l'exercice de ses droits et dans la jouissance de ses libertés, chacun n'est soumis qu'aux limitations établies par la loi exclusivement en vue d'assurer la reconnaissance et le respect des droits et libertés d'autrui et afin de satisfaire aux justes exigences de la morale, de l'ordre public et du bien-être général, dans une société démocratique.

Ingingo ya 39

Sentare ni zo nkinzo zihagararira agateka ka zina muntu, zikakubahiriza, hakurikijwe amabwirizwa.

Article 39

Le pouvoir judiciaire, gardien des droits et des libertés publiques, assure le respect de ces droits dans les conditions prévues par la loi.

Ingingo ya 40

Nta muntu n'umwe ashobora kwitwaza ivyo arekuriwe n'Ibwirizwa Nshingiro kugira ngo ahungabanye ubumwe bw'abarundi, abangamire intahe y'igihugu, imbibe zaco, intwaro ya Repubulika n'ingingo ngenderwako y'uko igihugu kitegamiye idini na rimwe canke ngo atere kubiri n'iri Bwirizwa Nshingiro.

Article 40

Nul ne peut abuser des droits reconnus par la Constitution ou par la loi pour compromettre l'unité nationale, l'intégrité territoriale ou l'indépendance du Burundi, porter atteinte au régime républicain, à la laïcité de l'Etat ou violer de toute autre manière la présente Constitution.

2. Ibijejwe umunyagihugu n'umuntu wese

2. Des devoirs de l'individu et du citoyen

Ingingo ya 41

Umurundi wese arafise amabanga ajejwe kurangurira umuryango, igihugu, inzego nkuru z'igihugu n'iz'intango.

Article 41

Chaque citoyen a des devoirs envers la famille et la société, envers l'Etat et les autres collectivités publiques.

Ingingo ya 42

Umurundi wese ategerezwa kwama abungabunga kandi ashigikiye ubumwe mu gihugu yisunze Amasezerano y'Ubumwe bw'abarundi.

Ingingo ya 43

Umuntu wese ategerezwa kwubaha amabwirizwa n'inzego nshingwantwaro za Repubulika.

Ingingo ya 44

Umurundi wese ategerezwa gushigikira iterambere ry'urugo rwiwe, n'ugukora atiziganya kugira ngo abiwe bagume bafatanye mu nda kandi bagumye icubahiro. Ategerezwa kwama yubaha abamwibarutse, iyo bikenewe akamenya ibibatunga kandi akabafasha.

Ingingo ya 45

Umuntu wese ategerezwa gusonera no guha icubahiro abandi ata gucagura. Ategerezwa kandi gukomeza imigenderanire iteza imbere kandi igatsimbataza ugusoneranira n'uguhariranira.

Ingingo ya 46

Umurundi wese, mu mibano yiwe n'abandi, ategerezwa kwama yigenza ku buryo akingira akongera agakomeza imico myiza y'igihugu. Ategerezwa kandi guterera agacumu k'ubumwe mu kwubaka igihugu c'itc ka n'itekane.

Ingingo ya 47

Amatungo y'igihugu ategerezwa kwubahirizwa ; kirazira kuyonona. Umuntu wese ategerezwa kuyasonera bimwe biboneka n'ukuyakingira.

Article 42

Chaque Burundais a le devoir de préserver et de renforcer l'unité nationale conformément à la Charte de l'unité nationale.

Article 43

Chacun est tenu de respecter les lois et les institutions de la République.

Article 44

Chaque Burundais a le devoir de préserver le développement harmonieux de la famille et d'oeuvrer en faveur de la cohésion et du respect de cette famille, de respecter à tout moment ses parents, de les nourrir et de les assister en cas de nécessité.

Article 45

Chaque individu a le devoir de respecter et de considérer son semblable sans discrimination aucune, et d'entretenir avec lui les relations qui permettent de promouvoir, de sauvegarder et de renforcer le respect et la tolérance réciproques.

Article 46

Chaque Burundais doit veiller, dans ses relations avec la société, à la préservation et au renforcement des valeurs culturelles burundaises et contribuer à l'établissement d'une société moralement saine.

Article 47

Les biens publics sont sacrés et inviolables. Chacun est tenu de les respecter scrupuleusement et de les protéger. Chaque Burundais a le devoir de défendre le patrimoine de la nation.

Umuntu wese yononye itunga ry'igihugu mu kumenagura canke mu gusambura, mu gusahura, mu kurya ibiturire, mu kunyuruza, mu gusesagura canke akoresheje ubundi buryo ubwo ari bwo bwose arahanwa hakurikijwe amabwirizwa.

Tout acte de sabotage, de vandalisme, de corruption, de détournement, de dilapidation, ou tout autre acte qui porte atteinte au bien public est réprimé dans les conditions prévues par la loi.

Ingingo ya 48

Abarundi bose bategerezwa kurangura ico cose igihugu kibazeyeko.

Abarundi bose bategerezwa gukorera ineza ya bose kandi bakarangura imirimo bajejwe.

Abarundi bose bategerezwa gutanga intererano igihugu kibaronderako. Amabwirizwa ni yo yonyene arekurira umuntu kutayitanga.

Inzego z'igihugu zirashobora gusaba ko abantu bose batabara iyo hateye ikiza mu gihugu.

Article 48

Tous les citoyens sont tenus de s'acquitter de leurs obligations civiques.

Chacun a le devoir de travailler pour le bien commun et de remplir ses obligations professionnelles.

Tous sont égaux devant les charges publiques. Il ne peut être établi d'exonération que par la loi.

L'Etat peut proclamer la solidarité de tous devant les charges qui résultent des calamités naturelles et nationales.

Ingingo ya 49

Umurundi wese ashinzwe amabanga y'igihugu canke yatowe mu vy'intwaro ategerezwa kuyarangurana umutima, ubutungane, ubukerebutsi n'ubwira, akaba intahemuka ku neza ya bose.

Article 49

Tout Burundais chargé d'une fonction publique ou élu à une fonction politique a le devoir de l'accomplir avec conscience, probité, dévouement et loyauté dans l'intérêt général.

Ingingo ya 50

Umurundi wese ategerezwa gukingira intahe y'igihugu n'imbibe zaco.

Umurundi wese arategerejwe kwama ahagarariye bimwe bikomeye kandi agaterera agacumu k'ubumwe igihugu ciwe.

Umurundi wese n'umunyamahanga wese aba mu Burundi ategerezwa kwirinda gutera uruhagarara no guhungabanya umutekano mu gihugu.

Article 50

Chaque Burundais a le devoir de défendre l'indépendance nationale et l'intégrité du territoire.

Tout citoyen a le devoir sacré de veiller et de participer à la défense de sa patrie.

Tout Burundais, tout étranger qui se trouve sur le territoire de la République a le devoir de ne pas compromettre la sécurité de l'Etat.

Ingingo ya 51

Umuntu wese ategerezwa guterera agacumu k'ubumwe mu kubungabunga amahoro, intwaro rusangi n'ubutungane kuri bose.

Article 51

Tout individu a le devoir de contribuer à la sauvegarde de la paix, de la démocratie et de la justice sociale.

Ingingo ya 52

Umurundi wese ategerezwa guterera agacumu k'ubumwe mu kwubaka n'uguteza imbere igihugu mu kurangura neza ibikorwa yashinzwe.

Article 52

Tout Burundais a le devoir de contribuer par son travail à la construction et à la prospérité du pays.

Ikigabane ca gatatu

IVYEREKEYE IMIGAMBWE

Ingingo ya 53

Imigambwe myinshi iremewe muri Repubulika y'Uburundi.

Ingingo ya 54

Umugambwe ni ishirahamwe ry'abantu ridakurikirana inyungu y'amafaranga, ryemejwe n'amategeko, rihurikiyemwo abarundi bafise imigambi iboneka ishimikiye ku bumwe n'intwaro rusangi kandi iharanira ineza n'iterambere rya bose.

Imigambwe ihiganwa mu matora kandi igaharanira ivyiyumviro vyerekeye intwaro, biciye mu nzira y'amahoro.

Ingingo ya 55

Imigambwe yemererwa hakurikijwe Ibwirizwa Nshingiro n'ayandi mabwirizwa.

Titre III

DU SYSTEME DES PARTIS POLITIQUES

Article 53

Le multipartisme est reconnu en République du Burundi.

Article 54

Le parti politique est une association sans but lucratif, dotée de la personnalité civile et regroupant des citoyens autour d'un projet de société démocratique fondé sur l'unité nationale, avec un programme politique aux objectifs précis, dicté par le souci de réaliser l'intérêt général et le développement de tous.

Les partis politiques concourent à l'expression du suffrage et participent à la vie politique par des moyens pacifiques.

Article 55

Les partis politiques sont agréés conformément à la Constitution et à la loi.

Mu bisabwa kugira ngo imigambwe yemererwe, harimwo ukwemeza n'ugukurikiza Amasezerano y'Ubumwe bw'abarundi n'ukwemeza icese ingingo ngenderwako zikurikira : kwubaha, kwubahiriza n'ugukomeza ubumwe bw'abarundi ; kwubahiriza, guharanira n'uguteza imbere agateka ka zina muntu ; kwihatira ishingwa ry'intwaro yisunga amategeko ikubahiriza kandi igaharanira intwaro rusangi ; kurwanira iyubahirizwa ry'imbibe n'ukwigenga kw'igihugu ; ukwiyamiriza ukudahariranira, ukwitwaza amacakubiri ashingiye ku moko, ku ntara, no ku gukumira abanyamahanga, hamwe n'ukwitwaza igikenye mu gusinzikaza abandi mu buryo ubwo ari bwo bwose.

Mu bikorwa vyayo vya misi yose, imigambwe itegerezwa na ntaryo kwama yisunga Amasezerano y'Ubumwe bw'abarundi n'izo ngingo ngenderwako zihejeje kuvugwa.

Pour être agréés, ils sont tenus notamment de souscrire à la Charte de l'unité nationale et d'adhérer aux principes fondamentaux suivants : le respect, la sauvegarde et la consolidation de l'unité nationale ; la protection et la promotion des droits fondamentaux de la personne humaine ; la promotion d'un Etat de droit fondé sur le respect et la défense de la démocratie ; la défense de l'intégrité du territoire et de la souveraineté nationale; la proscription de l'intolérance, de l'ethnisme, du régionalisme, de la xénophobie, du recours à la violence sous toutes ses formes.

Les partis politiques sont tenus de se conformer à la Charte de l'unité nationale et aux principes énoncés ci-dessus, au cours de leur fonctionnement.

Ingingo ya 56

Igihe imigambwe isaba kwemererwa no mu gihe irangura ibikorwa vyayo vya misi yose, mu gutunganya no mu gushinga inzego nyobozi zose, itegerezwa kwama yisunga akaranga k'intwaro rusangi n'ubumwe bw'abarundi, ata bakumiriwe.

Article 56

Au stade de leur agrément aussi bien que dans leur fonctionnement, les partis politiques doivent répondre, dans leur organisation et dans la composition des instances dirigeantes, aux principes démocratiques et à l'idéal d'unité nationale, en tenant compte des diverses composantes de la population burundaise.

Ingingo ya 57

Imigambwe irihanijwe kwisunga amoko, intara, amadini canke ibitsina haba mu buryo iringanizwa, mu vyo ikora canke mu bundi buryo ubwo ari bwo bwose.

Article 57

Il est interdit aux partis politiques de s'identifier dans la forme, dans l'action ou d'une autre manière quelconque, notamment à une ethnie, à une région, à une religion, à une secte ou à un sexe.

Ingingo ya 58

Igihe bakirangura amabanga yabo, intwaramiheto, abapolisi hamwe n'abacamanza ntibarekuriwe kwinjira mu migambwe.

Article 58

Les membres des forces armées, des corps de police ainsi que les magistrats, en activité, ne sont pas autorisés à adhérer à des partis politiques.

Ingingo ya 59

Imfashanyo z'imigambwe zivuye hanze zirabujijwe kiretse igihe rimwe na rimwe hari ibwirizwa ribirekuye.

Imfashanyo z'imigambwe kandi zirihanijwe mu gihe zishobora kubangamira ukwikukira n'ukwiyubahiriza kw'igihugu mu makungu.

Ibwirizwa ni ryo ritomora ivyerekeye aho imfashanyo z'imigambwe zikomoka.

Article 59

Le financement extérieur des partis politiques est interdit, sauf dérogation exceptionnelle établie par la loi.

Est également interdit, tout autre financement de nature à porter atteinte à l'indépendance et à la souveraineté nationales.

La loi détermine et organise les sources de financement des partis politiques.

Ingingo ya 60

Uburyo imigambwe ishingwa, ingene ikora n'ingene ihagarika ibikorwa vyayo, bitomorwa n'ibwirizwa.

Article 60

Les conditions dans lesquelles les partis politiques sont formés, exercent et cessent leurs activités sont déterminées par la loi.

Ikigabane ca kane

IVYEREKEYE INZEGO NSHINGWANTWARO

1. Urwego rw'Umukuru w'igihugu

Ingingo ya 61

Umukuru w'igihugu yitorerwa n'abarundi bo nyene ubwabo. Ikiringo ciwe muri iryo banga kimara imyaka itanu. Ashobora gusubira gutorwa rimwe gusa.

Ntawushobora kurenza ibiringo bibiri ari Umukuru w'igihugu.

Titre IV

DU POUVOIR EXECUTIF

1. Du Président de la République

Article 61

Le Président de la République est élu au suffrage universel direct pour un mandat de cinq ans renouvelable une fois.

Nul ne peut exercer plus de deux mandats présidentiels.

Ingingo ya 62

Mw'itora ry'Umukuru w'igihugu hategekanijwe incuro zibiri.

Umukuru w'igihugu atorwa yemejwe n'amajwi arenga ica kabiri c'abatoye. Iyo mu bitoje, ata n'umwe yashikije ayo majwi, haca haba irindi tora mu misi itarenga cumi n'itanu.

Ico gihe abemerewe kwitoza ni babiri ba mbere barushije abandi amajwi. Hagize uwikumira muri bo, asubirirwa n'uwurusha abandi amajwi mu basigaye.

Muri iryo tora rya kabiri, uwarushije uwundi amajwi ni we yemezwa mw'ibanga ryo kurongora igihugu.

Article 62

L'élection du Président de la République a lieu au scrutin uninominal à deux tours.

Le Président de la République est élu à la majorité absolue des suffrages exprimés. Si celle-ci n'est pas obtenue au premier tour, il est procédé, dans un délai de quinze jours, à un second tour.

Seuls peuvent se présenter au second tour du scrutin les deux candidats qui ont recueilli le plus grand nombre de suffrages au premier tour. En cas de désistement de l'un ou de l'autre des deux candidats, les candidats suivants se présentent dans l'ordre de leur classement après le premier scrutin.

Est déclaré élu au second tour le candidat ayant recueilli la majorité relative des suffrages exprimés.

Ingingo ya 63

Umukuru w'igihugu atangura kurangura ibanga ryiwe kuva umusi arahiye. Ikiringo ciwe kirangira umusi uwatowe ngo amusubirire ashikirijwe amabanga ajejwe.

Itora ry'Umukuru w'igihugu rikurikira, ritunganywa mu gihe kitari munsi y'ukwezi kandi kitarenga amezi abiri imbere yuko ikiringo c'Umukuru w'igihugu kirangira.

Article 63

Le mandat du Président de la République débute le jour de sa prestation de serment et prend fin à l'entrée en fonctions de son successeur.

L'élection du Président de la République a lieu un mois au moins et deux mois au plus avant l'expiration du mandat du Président de la République.

Ingingo ya 64

Iyo Umukuru w'igihugu yiyandikishije ngo asubire kwitoza, ntashobora kubogoza Inama Nshingamateka.

Kuva umusi bitangajwe ko yiyandikishije gushika ku musi w'itora, Umukuru w'igihugu

Article 64

Si le Président de la République en exercice se porte candidat, l'Assemblée Nationale ne peut être dissoute.

Le Président de la République ne peut, en outre, à partir de l'annonce offi-

ntashobora gushinga amabwirizwa nk'uko birekuwe n'ingingo ya 129 y'iri Bwirizwa Nshingiro.

Iyo bikenewe, Inama Nshingamateka iratumwako mu nama idasanzwe.

Ingingo ya 65

Uwitoza mw'ibanga ry'Umukuru w'igihugu ategerezwa gukwiza ibi bikurikira : kuba ari umurundi w'imvukira, kuba akwije imyaka mirongo itatu n'itanu umusi yiyandikisha mw'itora, kuba aba mu Burundi igihe co kwiyandikisha mw'itora.

Bitayeko, uwitoza ategerezwa kuba atarahanishwa n'intahe ruhashavyaha ibihano bitegekanywa n'ibwirizwa rigenga amatora.

Iryo bwirizwa nyene ni ryo ritomora ikiringo uwitoza mw'ibanga ry'Umukuru w'igihugu azoba amaze kuva ahejeje igihano kugira ngo yemererwe kwitoza.

Ingingo ya 66

Abitoza mw'ibanga ry'Umukuru w'igihugu bashobora gushikirizwa n'imigambwe yabo canke bakitoza ku giti cabo.

Uwushobora kwitoza ku giti ciwe, ni uwumaze umwaka umwe canke iyirenga ata mugambwe n'umwe arimwo igihe c'ukwiyandikisha mw'itora ry'Umukuru w'igihugu kigeze.

Ingingo ya 67

Uwitoza mw'ibanga ry'Umukuru w'igihugu ategerezwa guhagarikirwa n'abashingantahe n'abapfasoni amajana abiri yarondeye yisunze ubumwe bw'abarundi.

cielle de sa candidature jusqu'à l'élection, exercer son pouvoir de légiférer par décret-loi, découlant de l'article 129.

En cas de nécessité, l'Assemblée Nationale est convoquée en session extraordinaire.

Article 65

Le candidat aux fonctions de Président de la République doit être de nationalité burundaise de naissance, être âgé de trente cinq ans révolus à la date du dépôt des candidatures et résider au pays au moment de la présentation des candidatures.

En outre, il ne doit pas avoir été condamné pour crime ou délit à une peine déterminée par la loi électorale.

La loi électorale prévoit également le délai après lequel une personne condamnée au sens de l'alinéa précédent peut retrouver son éligibilité, depuis l'exécution totale de sa peine.

Article 66

Les candidats peuvent être présentés par les partis politiques ou se présenter en qualité d'indépendants.

Est considéré comme indépendant, le candidat qui, au moment de la présentation des candidatures, n'appartient à aucun parti politique depuis au moins une année.

Article 67

Chaque candidature aux élections présidentielles doit être présentée par un groupe de deux cents personnes formé dans un esprit d'unité nationale en tenant compte des diverses composantes de la population burundaise.

Abo bashingantahe n'abapfasoni bamuhagarikira bategerezwa kuba bakwije ibisabwa abashaka kwitoza mw'ibanga ry'abashingamateka.

Abitoza mw'ibanga ry'Umukuru w'igihugu bategerezwa kwemera icese gukurikiza amasezerano y'Ubumwe bw'abarundi, bakemera kwisunga ivyemezo ngenderwako biri mu ngingo ya 55, mu gace ka 2 muri iri Bwirizwa Nshingiro.

Abitoza mw'ibanga ry'Umukuru w'igihugu bategerezwa kandi gushikiriza imigambi yabo yerekeye igihugu n'abanyagihugu.

Ibwirizwa rigenga amatora ni ryo ritegekanya urwego rujejwe gusuzuma ko abitoza mw'ibanga ry'Umukuru w'igihugu bakwije ibisabwa vyose.

Ingingo ya 68

Imbere y'uko atangura kurangura ibanga ryiwe, Umukuru w'igihugu abanza kurahira imbere ya Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro, Inama Nshingamateka yakoranye. Arahira avuga ati :

Ndarahiye imbere y'abarundi bose, bo bene igihugu, ko ntazotirigana ku Masezerano y'Ubumwe bw'abarundi, kw'Ibwirizwa Nshingiro n'ayandi mabwirizwa, ko nzoharanira ntiziganya ineza y'Uburundi n'abarundi, nkubahiriza ubumwe bw'abarundi, amahoro mu gihugu, ubutungane kuri bose, iterambere ry'igihugu n'agateka ka zina muntu ; vyongeye, nkubahiriza imbibe n'ukwikukira kwa Repubulika y'Uburundi.

Ingingo ya 69

Imbere y'ugutangura kurangura amabanga yabo n'igihe bayarangije, Umukuru w'igihugu, Abashikiranganji n'Abashingamateka bategerezwa kumenyesha batabesha amatungo

Les membres du groupe de parrainage doivent eux-mêmes réunir les conditions de fond requises pour l'éligibilité aux élections législatives.

Les candidats sont tenus de souscrire à la Charte de l'unité nationale et exprimer leur adhésion aux principes fondamentaux énumérés à l'article 55, alinéa 2.

Les candidats sont également tenus de présenter un programme politique.

La loi électorale prévoit l'organe compétent pour vérifier la recevabilité des candidatures.

Article 68

Lors de son entrée en fonctions, le Président de la République prête solennellement le serment ci-dessous, reçu par la Cour constitutionnelle devant l'Assemblée Nationale :

Devant le peuple burundais, seul détenteur de la souveraineté nationale, je jure fidélité à la Charte de l'unité nationale, à la Constitution et à la loi et m'engage à consacrer toutes mes forces à défendre les intérêts supérieurs de la nation, à assurer l'unité nationale, la paix sociale, la justice sociale et le développement du pays, à promouvoir et à défendre les droits de l'homme et a sauvegarder l'intégrité et l'indépendance de la République du Burundi.

Article 69

Lors de leur entrée en fonctions et à la fin de celles-ci, le Président de la République, les membres du Gouvernement et de l'Assemblée Nationale sont tenus de faire

yabo mu rwandiko bashikiriza Sentare ibifitiye ububasha.

Ingingo ya 70

Umukuru w'igihugu ategerezwa kuba Sebumwe mu gihugu, akubahiriza Amasezerano y'Ubumwe bw'abarundi n'Ibwirizwa Nshingiro kandi akarazwa ishinga n'uko Uburundi buhangamye, abarundi barongorwa nk'uko bitegekanijwe, inzego nshingwantwaro zose zigororokewe.

Umukuru w'igihugu ni we Nkinzo y'intahe n'imbibe z'igihugu, kandi ni we yubahiriza Amasezerano Uburundi bugiriranira n'amakungu.

Ingingo ya 71

Umukuru w'igihugu ni we afise ububasha bwo gushinga amategeko muri ivyo vyose bitari ku rutonde rw'ibitegerezwa kuringanizwa n'amabwirizwa. Ni we kandi afise ububasha bw'ugukurikiza amabwirizwa. Ubwo bubasha bwose abusangiye n'Umushikiranganji wa mbere.

Umukuru w'igihugu agaragariza ubwo bubasha mu mategeko ashinga, agaterwako igikumu n'Umushikiranganji wa mbere hamwe n'abandi bashikiranganji vyega, iyo bikenewe.

Umushikiranganji wa mbere ntatera igikumu ku mategeko canke ingingo Umukuru w'igihugu ashinze visunze ingingo ya 72 agace ka mbere, 74, 77, 79, 130, 131, 132, 135 agace ka mbere, 176 na 181 ziri muri iri Bwirizwa Nshingiro.

Umukuru w'igihugu arashobora gutuma Umushikiranganji wa mbere ngo amurangurire amabanga ajejwe, kiretse ayatomowe n'izo ngingo zidondaguwe muri aka gace ko hejuru.

sur l'honneur une déclaration écrite de leurs biens et patrimoine adressée à la juridiction compétente.

Article 70

Le Président de la République, Chef de l'Etat, incarne l'unité nationale, veille au respect de la Charte de l'unité nationale et de la Constitution et assure par son arbitrage la continuité de l'Etat et le fonctionnement régulier des pouvoirs.

Il est le garant de l'indépendance nationale, de l'intégrité du territoire, du respect des traités et accords internationaux.

Article 71

Le Président de la République exerce le pouvoir réglementaire et assure l'exécution des lois. Il partage ces pouvoirs avec le Premier Ministre. → art. 112

Le Président de la République exerce ces pouvoirs par décrets contresignés par le Premier Ministre, et le cas échéant, par les Ministres concernés.

Le contreseing n'intervient pas pour les actes du Président de la République découlant des articles 72 alinéa 1er, 74, 77, 79, 130, 131, 132, 135 alinéa 1er, 176 et 181.

Le Président de la République peut déléguer ses pouvoirs au Premier Ministre à l'exception de ceux énumérés à l'alinéa précédent.

Ingingo ya 72

Umukuru w'igihugu ni we agena Umushikiranganji wa mbere kandi akamubogoza.

Bishikirijwe n'Umushikiranganji wa mbere, Umukuru w'igihugu ni we agena akongera akabogoza abagize Urwego Nshikiranganji.

Article 72

Le Président de la République nomme le Premier Ministre et met fin à ses fonctions.

Sur proposition du Premier Ministre, il nomme les autres membres du Gouvernement et met fin à leurs fonctions.

Ingingo ya 73

Umukuru w'igihugu ni we arongora Inama Nshikiranganji.

Article 73

Le Président de la République préside le conseil des Ministres.

Ingingo ya 74

Umukuru w'igihugu ni we kizigenza mu ntwaramiheto. Ni we afata ingingo yo kugomora ingabo, akongera agashira igikumu ku masezerano yo guhagarika ingwano, abanje guhanuza Urwego Nshikiranganji, Umukuru w'Inama Nshingamateka hamwe n'Inama Nkuru ishinzwe umutekano mu gihugu.

Article 74

Le Président de la République est le Chef des armées. Il déclare la guerre et signe l'armistice après consultation du Gouvernement, du Président de l'Assemblée Nationale et du Conseil national de sécurité.

Ingingo ya 75

Umukuru w'igihugu ni we agena abakozi bakuru bakuru mu nzego z'igihugu no mu ntwaramiheto.

Ibwirizwa ni ryo ritomora abakozi bakuru bakuru bagenwa n'Umukuru w'igihugu.

Article 75

Le Président de la République nomme aux emplois supérieurs, civils et militaires.

Une loi organique détermine les catégories d'emplois visés à l'alinéa précédent.

Ingingo ya 76

Umukuru w'igihugu ni we agena akongera agahamagaza abaserukira Uburundi n'izindi ntumwa mu makungu ; ni we kandi yakira, agasezera abaserukira ibindi bihugu mu Burundi hamwe n'intumwa zihambaye zivuye mu makungu.

Article 76

Le Président de la République accrédite et rappelle les ambassadeurs et les envoyés extraordinaires auprès des Etats étrangers et reçoit les lettres de créances et de rappel des ambassadeurs et envoyés extraordinaires des Etats étrangers.

Ingingo ya 77

Umukuru w'igihugu ni we afise ububasha bwo kugirira ikigongwe abaciriwe ibihano mpanavyaha.

Ingingo ya 78

Umukuru w'igihugu ni we atanga ibidari n'ibindi bimenyetso biranga abatewe iteka n'igihugu.

Ingingo ya 79

Mu gihe inzego nshingiro z'igihugu, intahe y'igihugu, imbibe zaco n'ikurikizwa ry'amasezerano gifitaniye n'amakungu biri mu magume, n'iyo inzego nshingwantwaro z'igihugu zitagikora uko bikwiye, Umukuru w'igihugu arashobora gushinga itegekobwirizwa ryo kumera amagabo, kandi agafata n'ingingo zose abona ko zikenewe, abanje guhanuza Umushikiranganji wa mbere, Umukuru w'Inama Nshingamateka, Inama Nkuru ishinzwe umutekano mu gihugu be na Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro.

Arabimenyesha mw'ijambo ashikiriza abanyagihugu.

Izo ngingo zitegerezwa gufatira ku gushaka kworohereza inzego zose nshingwantwaro ngo zirangure mu maguru masha amabanga zijejwe.

Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro itegerezwa kubihanuzwa imbere yuko mwene izo ngingo zifatwa.

Inama Nshingamateka ntishobora kubogozwa mu kiringo Umukuru w'igihugu atwara yishimikije ubwo bubasha aronka mu bihe vy'amagume.

Ingingo ya 80

Umukuru w'igihugu ntashobora kubangikanya ibanga ryiwe

Article 77

Le Président de la République a le droit de grâce.

Article 78

Le Président de la République confère les ordres nationaux et les décorations de la République.

Article 79

Lorsque les institutions de la République, l'indépendance de la nation, l'intégrité du territoire ou l'exécution de ses engagements internationaux sont menacés d'une manière grave et immédiate et que le fonctionnement régulier des pouvoirs publics est interrompu, le Président de la République peut proclamer par décret-loi l'état d'exception et prendre toutes les mesures exigées par ces circonstances, après consultation officielle du Premier Ministre, du Président de l'Assemblée Nationale, du Conseil national de sécurité et de la Cour constitutionnelle.

Il en informe la nation par un message.

Ces mesures doivent être inspirées par la volonté d'assurer aux pouvoirs publics constitutionnels, dans les moindres délais, les moyens d'accomplir leur mission.

La Cour constitutionnelle est consultée à leur sujet.

L'Assemblée Nationale ne peut être dissoute pendant l'exercice des pouvoirs exceptionnels.

Article 80

Les fonctions de Président de la République sont incom-

n'ayandi mabanga y'abatowe hamwe n'uwundi murimo w'igihugu canke umwuga uwo ari wo wose.

Ibanga ry'Umukuru w'igihugu ntiribangikana kandi n'iryo kurongora umugambwe.

Ingingo ya 81

Umukuru w'igihugu ntashobora gukwegwa n'ivyo yakoze arangura amabanga yashinzwe kiretse iyo yahemutse.

Umukuru w'igihugu ahemuka iyo yaciye kubiri n'Amasezerano y'Ubumwe bw'Abarundi, n'Ibwirizwa Nshingiro canke n'amabwirizwa, agakora n'ibigirankana ikibi kibangamiye ineza y'abanyagihugu, gihungabanya bimwe bikomeye ubumwe bw'abarundi, amahoro mu gihugu, ubutungane kuri bose, agateka ka muntu, iterambere ry'igihugu canke kigashira mu magume intahe, ukwikukira n'imbibe z'igihugu.

Ivyaha vyerekeye uguhemuka bishobora kwagirizwa Umukuru w'igihugu n'ibihano bijanye bitomorwa n'ibwirizwa.

Nta n'umwe ashobora gufata ingingo yo kwitwarira Umukuru w'igihugu atari Inama Nshingamateka. Iyo ngingo ifatwa vyemejwe n'ivya gatatu bibiri vy'abashingamateka, kandi bakavyemeza bataritse ukuboko hejuru.

Ibirego vyihwezwa n'umurwi w'abashikirizamanza ba Paraki Nkuru ya Repubulika batari munsi ya batatu.

patibles avec l'exercice de toute autre fonction publique élective, de tout emploi public et de toute activité professionnelle.

Elles sont également incompatibles avec la fonction de dirigeant d'un parti politique.

Article 81

Le Président de la République n'est pénalement responsable des actes accomplis dans l'exercice de ses fonctions qu'en cas de haute trahison.

Il y a haute trahison lorsqu'en violation de la Charte de l'unité nationale, de la Constitution ou de la loi, le Président de la République commet délibérément un acte contraire aux intérêts supérieurs de la nation qui compromet gravement l'unité nationale, la paix sociale, la justice sociale, le développement du pays ou porte gravement atteinte aux droits de l'homme, à l'intégrité du territoire, à l'indépendance et à la souveraineté nationales.

Les crimes constitutifs de haute trahison susceptibles d'être reprochés au Président de la République ainsi que les peines applicables sont déterminés par la loi.

Le Président de la République ne peut être mis en accusation que par l'Assemblée Nationale statuant, à main levée, à la majorité des deux-tiers de ses membres.

L'instruction ne peut être conduite que par une équipe d'au moins trois magistrats du Parquet général de la République.

Ingingo ya 82

Inama Nshingamateka imaze gutangura kwitwarira Umukuru w'igihugu, Umukuru w'igihugu ntashobora kuyibogoza urubanza rutaracibwa.

Ingingo ya 83

Kiretse ingingo Umukuru w'igihugu arekuriwe gufata ubwiwe, izindi ngingo zirashobora kwitwarirwa muri Sentare zibifitiye ububasha.

Ingingo ya 84

Ikiringo ciwe kirangiye, Umukuru w'igihugu arategekanirizwa pansiyo, akaguma ahabwa icubahiro kimukwiye nk'uko biringanijwe n'ibwirizwa, kiretse yagiriwe n'icaha co guhemuka kw'ibanga.

Ingingo ya 85

Igihe atariho ari canke hagize ikimufatira cane, Umukuru w'igihugu asubirirwa n'Umushikiranganji wa mbere, akarangura mu kibanza ciwe amabanga asanzwe ya misi yose.

Mu gihe Umukuru w'igihugu atanze imihoho, asandavye, canke hari iyindi mvo iyo ari yo yose imubuza kuba akirangura ibanga ryiwe, mu kurindira uwundi mushasha, asubirirwa n'Umukuru w'Inama Nshingamateka ; nawe atahabaye, agasubirirwa n'Urwego Nshikiranganji.

Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro, ibisabwe n'urwego Nshikiranganji, ni yo yemeza ko igihugu kitagifise Umukuru waco.

Article 82

Lorsque la procédure de mise en accusation du Président de la République pour haute trahison est déclenchée par l'Assemblée Nationale, le Président de la République ne peut pas dissoudre cette dernière jusqu'à l'aboutissement de la procédure judiciaire.

Article 83

Hormis les actes qui relèvent de sa compétence discrétionnaire, les actes administratifs du Président de la République peuvent être attaqués devant les juridictions compétentes.

Article 84

A l'expiration de ses fonctions, le Président de la République a droit, sauf en cas de condamnation pour haute trahison, à une pension et à tous autres privilèges et facilités déterminés par la loi.

Article 85

En cas d'absence ou d'empêchement temporaire du Président de la République, le Premier Ministre assure la gestion des affaires courantes.

En cas de vacance pour cause de démission, de décès ou de toute autre cause de cessation définitive de ses fonctions, l'intérim est assuré par le Président de l'Assemblée Nationale ou, si celui-ci est à son tour empêché d'exercer ses fonctions, par le Gouvernement.

La vacance est constatée par la Cour constitutionnelle saisie par le Gouvernement.

L'autorité intérimaire ne peut pas former un nouveau Gouvernement.

Uwusubirira Umukuru w'Igihugu mu kiringo c'imfatakibanza ntashobora gushinga Urwego Nshikiranganji rushasha.

Urwego rwari ruhasanzwe rusa n'uko rwatanze imihoho ; nta kindi rushobora kurangura atari imirimo isanzwe ya misi yose, gushika hashinzwe urundi rwego rushasha.

Hatabaye ingorane ikomeye ngo Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro ivyemeze, itora ry'uwundi Mukuru w'igihugu ritegekanywa mu gihe kitari munsi y'ukwezi kandi kitarenga amezi atatu mu nyuma y'ingingo ishinga ko igihugu kitagifise Umukuru waco.

Le Gouvernement est réputé démissionnaire et ne peut qu'assurer simplement l'expédition des affaires courantes jusqu'à la formation d'un nouveau Gouvernement.

Le scrutin pour l'élection du nouveau Président de la République a lieu, sauf cas de force majeure constaté par la Cour constitutionnelle, dans un délai qui ne doit pas être inférieur à un mois et supérieur à trois mois depuis la constatation de la vacance.

2. Ivyerekeye Urwego Nshikiranganji

Ingingo ya 86

Urwego Nshikiranganji rugizwe n'Umushikiranganji wa mbere, abashikiranganji, n'abanyamabanga ba Leta iyo bikenewe.

Abagize Urwego Nshikiranganji bagenwa hisunzwe na ntaryo ubumwe bw'abarundi.

Ingingo ya 87

Urwego Nshikiranganji ni rwo rushinga imigambi mikuru mikuru y'igihugu, rukongera rukaba ari rwo rutunganya iringanizwa ryarwo rukurikije ivyemejwe n'Inama Nshikiranganji.

Ingingo ya 88

Ingingo zose nkuru z'igihugu, integuro z'amasezerano y'Uburundi n'amakungu, integuro z'amabwirizwa, integuro z'amategeko y'Umukuru w'igi-

2. Du Gouvernement

Article 86

Le Gouvernement comprend le Premier Ministre, les Ministres et, le cas échéant, des Secrétaires d'Etat.

Il doit être composé dans un esprit d'unité nationale en tenant compte des diverses composantes de la population burundaise.

Article 87

Le Gouvernement détermine et conduit la politique de la nation dans le cadre des décisions prises en conseil des Ministres.

Article 88

Le conseil des Ministres délibère obligatoirement sur la politique générale de l'Etat ; les projets de traités et accords internatio-

hugu, integuro z'amategeko ashingwa n'Umushikiranganji wa mbere n'iz'abandi bashikiranganji zerekeye igihugu, zitegerezwa kwihwezwa n'Inama Nshikiranganji.

Ingingo ya 89

Urwego Nshikiranganji rugenzurwa n'Umukuru w'igihugu hamwe n'Inama Nshingamateka biciye mu buryo bwemejwe n'iri Bwirizwa Nshingiro.

Ingingo ya 90

Mu vyerekeye intwaro y'igihugu, ingingo z'abagize Urwego Nshikiranganji zemangwa n'abayigize bose ; nta mushikiranganji canke umunyamabanga wa Leta n'umwe ashobora kwidohora ku ngingo zerekeye intwaro y'igihugu zafatiwe mu Nama Nshikiranganji. Iyo Umushikiranganji wa mbere atanze imihoho canke aretse kurangura amabanga yiwe bivuye ku mvo iyo ari yo yose, Urwego Nshikiranganji ruca rutanga imihoho na rwo nyene.

Mu gihe Urwego Nshikiranganji rutanze imihoho, ruguma rubandanya kurangura imirimo isanzwe ya misi yose gushika hashinzwe Urwego Nshikiranganji rushasha.

Ingingo ya 91

Umushikiranganji wa mbere ni we ajejwe kurongora irangurwa ry'ibikorwa vy'Urwego Nshikiranganji akurikije ingingo zashinzwe n'Inama Nshikiranganji.

Arafata ingingo zose zotuma amategeko y'Umukuru w'igihugu akurikizwa. Abashikiranganji baratera igikumu ku mategeko afashwe n'Umushikiranganji wa mbere yerekeye imirimo bajejwe.

naux ; les projets de lois ; les projets de décrets présidentiels, d'arrêtés du Premier Ministre et d'ordonnances des Ministres, ayant un caractère de réglementation générale.

Article 89

Le Gouvernement est responsable devant le Président de la République et devant l'Assemblée Nationale dans les conditions et procédures prévues par la présente Constitution.

Article 90

Les membres du Gouvernement sont politiquement solidaires. La démission ou la cessation des fonctions du Premier Ministre pour quelque cause que ce soit entraîne la démission du Gouvernement.

En cas de démission, le Gouvernement assure la gestion des affaires courantes jusqu'à la constitution d'un nouveau Gouvernement.

Article 91

Le Premier Ministre dirige l'action du Gouvernement dans le cadre des décisions prises en conseil des Ministres.

Il prend, par arrêtés, toutes les mesures d'exécution des décrets présidentiels.

Les Ministres chargés de leur exécution contresignent les arrêtés du Premier Ministre.

Ararongora Inama Nshikiranganji abitumwe n'Umukuru w'igihugu iyo bamaze kwumvikana ku bizokwihwezwa muri iyo nama.

Arashobora gutuma abashikiranganji amabanga amwamwe amwegukira.

Aragena abakozi bo mu nzego z'igihugu no mu ntwaramiheto batagenwa n'Umukuru w'igihugu nk'uko ingingo ya 75 y'iri Bwirizwa Nshingiro ibivuga.

Ingingo ya 92

Abashikiranganji ni bo bagaba ubushikiranganji bashinzwe.

Barafata ingingo zose zituma amategeko yashinzwe n'Umushikiranganji wa mbere akurikizwa.

Ingingo ya 93

Abanyamabanga ba Leta bafasha abashikiranganji barongoye ubushikiranganji imirimo yabo ikukira.

Bafise uburenganzira bwo kuja mu Nama Nshikiranganji.

Ingingo ya 94

Abagize Urwego Nshikiranganji barakurikiranwa n'ivyaha bakoze bagishinzwe amabanga yabo.

Ingingo ya 95

Amabanga y'abashikiranganji ntashobora kubangikanywa n'iyindi mirimo y'igihugu, na cane cane ibanga ry'abashingamateka.

Il préside le conseil des Ministres sur délégation expresse du Président de la République et pour un ordre du jour déterminé.

Il peut déléguer certains de ses pouvoirs aux Ministres.

Il nomme aux emplois civils et militaires de l'Etat, autres que ceux réservés au Président de la République en vertu de l'article 75.

Article 92

Les Ministres sont les chefs des départements ministériels qui leur ont été confiés.

Ils prennent, par ordonnances, toutes les mesures de mise en application des arrêtés du Premier Ministre.

Article 93

Les Secrétaires d'Etat assistent les Ministres auprès desquels leur département est attaché.

Ils participent de droit aux délibérations du conseil des Ministres.

Article 94

Les membres du Gouvernement sont pénalement responsables des actes accomplis dans l'exercice de leurs fonctions et qualifiés de crimes ou délits au moment où ils ont été commis.

Article 95

Les fonctions de membre du Gouvernement sont incompatibles avec l'exercice de toute autre activité professionnelle notamment l'exercice d'un mandat parlementaire.

Ikigabane ca gatanu

URWEGO RW'INAMA NSHINGAMATEKA

Ingingo ya 96

Ububasha bwo gushinga amabwirizwa bwegukira **Inama Nshingamateka** ; abagize iyo nama bitwa **Abashingamateka.**

Ingingo ya 97

Abashingamateka bitorerwa n'abanyagihugu bo nyene. Bafise ikiringo c'imyaka itanu, barashobora gusubira kwitoza.

Igitigiri c'abashingamateka gishingwa n'ibwirizwa, bafatiye ku bwinshi bw'abanyagihugu.

Ibwirizwa ni ryo kandi rituganya agahembo n'ibindi bihabwa abashingamateka hamwe n'ibibuza umuntu kwitoza, canke imirimo itajanye n'amabanga y'abashingamateka.

Ingingo ya 98

Uwitoza ngo abe umushingamateka ategerezwa kuba Umurundi, akaba akwije imyaka mirongo ibiri n'itanu y'amavuka, ategerezwa kuba mu Burundi mu gihe bashikiriza urutonde rw'abitoza, akaba atabimukumira mu mabanga y'igihugu.

Bitayeko, uwitoza ategerezwa kuba atarahanishwa n'intahe ruhashavyaha ibihano bitegekanywa n'ibwirizwa rigenga amatora.

Iryo bwirizwa nyene ni ryo ritomora ikiringo uwitoza mw'ibanga ry'abashingamateka azoba amaze kuva ahejeje

Titre V

DU POUVOIR LEGISLATIF

Article 96

Le pouvoir législatif est exercé par une assemblée unique dénommée **Assemblée Nationale** dont les membres portent le titre de **Représentant.**

Article 97

Les Représentants sont élus au suffrage universel direct pour un mandat de 5 ans renouvelable.

Le nombre de Représentants est fixé par la loi, proportionnellement à la population.

La loi fixe également le régime des indemnités et avantages des Représentants, le régime des inéligibilités et des incompatibilités.

Article 98

Le candidat aux élections législatives doit être de nationalité burundaise, être âgé de vingt-cinq ans au moins, résider au pays au moment de la présentation des listes de candidatures et jouir de tous ses droits civils et politiques.

En outre, il ne doit pas avoir été condamné pour crimes ou délits à une peine déterminée par la loi électorale.

La loi électorale prévoit également le délai après lequel une personne condamnée au sens de l'alinéa précé-

igihano kugira ngo yemererwe kwitoza.

Ingingo ya 99

Abitoza mw'ibanga ry'abashingamateka bashobora gushikirizwa n'imigambwe canke bakitoza ku giti cabo.

Ingingo ya 100

Abitoza bose bategerezwa kwemeza ko bazokwisunga Amasezerano y'Ubumwe bw'abarundi, bakagaragaza ko bashigikiye ivyemezo ngenderwako biri mu ngingo ya 55, agace ka 2 muri iri Bwirizwa Nshingiro.

Abitoza bategerezwa kandi gushikiriza imigambi yabo yerekeye igihugu n'abanyagihugu.

Ingingo ya 101

Uwitoza ngo abe umushingamateka ategamiye umugambwe n'umwe ategerezwa guhagarikirwa n'abantu ijana, yarondeye yisunze ubumwe bw'abarundi. Abo bamuhagarikira bategerezwa kuba baba mu karere agomba kwitozamwo.

Abamuhagarikira bategerezwa kuba bakwije na bo nyene ibisabwa uwugomba kwitoza ngo abe umushingamateka.

Abitoza bashikirijwe n'imigambwe ntibakeneye ababahagarikira.

Ingingo ya 102

Ibwirizwa rigenga amatora ni ryo ritegekanya urwego rujejwe gusuzuma ko abitoza mw'ibanga ry'abashingamateka bakwije ibisabwa vyose.

dent peut retrouver son éligibilité, depuis l'exécution totale de sa peine.

Article 99

Les candidats aux élections législatives peuvent être présentés par les partis politiques ou se présenter en qualité d'indépendants.

Article 100

Tous les candidats sont tenus de souscrire à la Charte de l'unité nationale et exprimer leur adhésion aux principes fondamentaux énumérés à l'article 55, alinéa 2.

Les candidats sont également tenus de présenter un programme politique.

Article 101

Chaque candidat indépendant aux élections législatives doit être présenté par un groupe de cent personnes, formé dans un esprit d'unité nationale, résidents dans la circonscription où il compte se présenter.

Les membres du groupe de parrainage doivent eux-mêmes réunir les conditions de fond requises pour l'éligibilité aux élections législatives.

Le parrainage ne concerne pas les candidats présentés par les partis politiques.

Article 102

La loi électorale prévoit l'organe compétent pour vérifier la recevabilité des candidatures.

Ingingo ya 103

Itora rishingira ku rutonde rw'amazina rwashikirijwe n'umugambwe wose canke n'abitoza ku giti cabo. Uwutora ntahindura urutonde amazina y'abitoza yashikirijwemwo.

Intebe z'abashingamateka zigaburwa hakurikijwe ingene amajwi arutarutana ku rutonde rwose. Urutonde rw'abitoza rutegerezwa gushingwa bisunze ubumwe bw'abarundi.

Ingingo ya 104

Abitoje bashikirijwe n'imigambwe ntibashobora kuronka intebe mu Nama Nshingamateka umugambwe wabo utaronse amajwi ashika canke arenga atanu kw'ijana y'abatoye bose mu gihugu.

Abitoje ku giti cabo ntibashobora kuronka intebe mu Nama Nshingamateka bataronse amajwi ashika canke arenga mirongo ine kw'ijana y'abatoye mu karere biyandikishijemwo.

Ingingo ya 105

Igihe hari umushingamateka atagishoboye kurangura amabanga yiwe, ibwirizwa ni ryo ritegekanya ingene asubirirwa.

Ingingo ya 106

Abashingamateka baserukira igihugu cose, ntibaserukira ababatoye gusa. Igihe bashinga ingingo biciye mu gutora, umushingamateka atora uko avyiyumvira we nyene.

Amategeko atunganya ingene Inama Nshingamateka ikora, arashobora kurekura yuko

Article 103

Les élections se déroulent suivant le scrutin de liste bloquée à la représentation proportionnelle.

La liste bloquée doit être composée dans un esprit d'unité nationale en tenant compte des diverses composantes de la population burundaise.

Article 104

Les candidats présentés par les partis politiques ne peuvent être considérés comme élus et siéger à l'Assemblée Nationale que si, à l'échelle nationale, leur parti a totalisé un nombre de suffrages égal ou supérieur à 5 % de l'ensemble des suffrages exprimés.

Les candidats indépendants ne peuvent être considérés comme élus et siéger à l'Assemblée Nationale que s'ils ont obtenu au moins 40 % des suffrages exprimés dans la circonscription où ils se sont fait inscrire.

Article 105

La loi fixe les conditions dans lesquelles les Représentants sont remplacés en cas de vacance de siège.

Article 106

Le mandat des Représentants est de caractère national. Tout mandat impératif est nul. Le vote des Représentants est personnel.

Le Règlement intérieur de l'Assemblée Nationale peut autoriser exceptionnellement la délégation de vote. Dans

rimwe na rimwe, umushingamateka atuma uwumuserukira mu gushinga ingingo. Ico gihe, ntawushobora guserukira abashika babiri.

Ingingo ya 107

Abashingamateka ntibashobora gukurikiranwa canke ngo bafatwe, bapfungwe canke bacirwe urubanza kubera ivyo bavuze, canke kubera ingene batoye bariko bararangura amabanga yabo y'abashingamateka.

Kiretse iyo bakoze icaha imbonankubone, abashingamateka ntibashobora gukurikiranwa iyo bari mu nama z'Inama Nshingamateka, ibiro vy'Inama Nshingamateka bidatanze uruhusha.

N'iyo batari mu nama z'Inama Nshingamateka, abashingamateka ntibashobora gufatwa, bitarekuwe n'ibiro vy'Inama Nshingamateka, kiretse iyo bakoze icaha imbonankubone, iyo bari basanzwe bakurikiranwa birekuwe n'ibiro vy'Inama Nshingamateka, canke iyo Sentare yaciye igihano ntabanduka.

Ingingo ya 108

Umushingamateka ntabangikanya iryo banga n'ayandi mabanga y'igihugu.

Ibwirizwa rirashobora kurekura yuko abatowe n'abanyagihugu mu nzego z'intango n'abakozi ba Leta bamwe bamwe bashobora gufatanya ivyo bajejwe n'ibanga ry'abashingamateka.

Ingingo ya 109

Umushingamateka agenywe mu bagize Urwego Nshikiranganji canke agashingwa amabanga y'igihugu atabangikanywa n'iry'abashingamateka akace cas, nul ne peut recevoir délégation de plus d'un mandat.

Article 107

Les Représentants ne peuvent être poursuivis, recherchés ou arrêtés, détenus ou jugés pour des opinions ou votes émis dans l'exercice de leurs fonctions.

Sauf en cas de flagrant délit, les Représentants ne peuvent, pendant la durée des sessions, être poursuivis qu'avec l'autorisation du Bureau de l'Assemblée Nationale.

Les Représentants ne peuvent, hors session, être arrêtés qu'avec l'autorisation du Bureau de l'Assemblée Nationale, sauf le cas de flagrant délit, de poursuite déjà autorisée ou de condamnation définitive.

Article 108

Le mandat de Représentant est incompatible avec toute autre fonction à caractère public.

La loi peut exempter certaines catégories d'élus locaux ou d'agents de l'Etat du régime d'incompatibilité avec le mandat de Représentant.

Article 109

Un Représentant nommé au Gouvernement ou à toute autre fonction publique incompatible avec le mandat parlementaire qu'il accepte,

vyemera, ntasubira kuja ku rutonde rw'abagize Inama Nshingamateka ; aca asubirirwa n'uwundi. Iyo atakikimubuza, kandi ikiringo yatorewe kitararangira, arashobora kugaruka kubandanya amabanga yiwe mu Nama Nshingamateka.

Ingingo ya 110

Inama Nshingamateka ishinga amabwirizwa ikongera igacungera ingene Urwego Nshikiranganji rukora.

Ingingo ya 111

Ibitegerezwa kuringanizwa n'amabwirizwa ni ibi :

1) *Ivyubahiriza umunyagihugu wese n'ivyo ajejwe :*

- Kwubahiriza ukwishira n'ukwizana kwa zina muntu,
- Gukingira ukwishira n'ukwizana kw'abanyagihugu,
- Gutomora ivyo umunyagihugu wese abwirijwe mw'ibanga ryo kurwanira igihugu n'ukubungabunga umutekano.

2) *Ivyerekeye amabwirizwa agenga abantu n'ivyabo :*

- Ibiraba akaranga k'umurundi, akamere k'abantu n'ubushobozi bemerewe n'amategeko,
- Ivyerekeye kwubaka n'abubatse, ugutorana n'ukugaba amatungo,
- Ivyerekeye itunga bwite ry'umuntu, ayandi matungo, ivy'umuntu ajejwe mu masezerano y'amatungo n'ubudandaji.

3) *Itunganywa ry'intwaro, ubutegetsi n'ubutungane mu gihugu :*

- Ingene akazi ka Leta gatunganijwe,
- Ingene igihugu kiringanijwe kuva mu nzego zaco nkuru gushika kuri ntoyi, ugu-

cesse immédiatement de siéger à l'Assemblée Nationale et est remplacé. Il reprend ses fonctions dès que les causes d'incompatibilité ont disparu et pour autant que le mandat pour lequel il a été élu est en cours.

Article 110

L'Assemblée Nationale vote la loi et contrôle l'action du Gouvernement.

Article 111

Sont du domaine de la loi :

1) *Les garanties et obligations fondamentales du citoyen :*

- Sauvegarde de la liberté individuelle,
- Protection des libertés publiques,
- Sujétions imposées, dans l'intérêt de la défense nationale et de la sécurité publique, aux citoyens en leur personne et en leurs biens.

2) *Le Statut des personnes et des biens :*

- Nationalité, état et capacité des personnes,
- Régimes matrimoniaux, successions et libéralités,
- Régime de la propriété, des droits réels et des obligations civiles et commerciales.

3) *L'organisation politique, administrative et judiciaire :*

- Organisation générale de l'administration,
- Organisation territoriale, création et modification des circonscriptions admi-

shinga n'uguhindura iryo ringanizwa hamwe n'ugushinga uturere two kwitozamwo,

- Ivyerekeye itora,
- Ingene igihugu kirarirwa n'ingene kirwanirwa,
- Amabwirizwa agenga intwaramiheto, abashinzwe umutekano n'abandi barangura amabanga nk'ayo,
- Ingingo nkuru nkuru zerekeye abakozi ba Leta,
- Amabwirizwa agenga abakozi ba Leta,
- Amabwirizwa akurikizwa mu gihe c'amagume,
- Gushinga n'ugufuta amashirahamwe ya Leta n'ubuzi bwa Leta vyigenga,
- Ugushinga za Sentare n'ukugene zirutarutana, amategeko atomora ingene abantu baburana n'uburyo imanza zicibwa, ugushinga za Sentare nshasha ; amabwirizwa agenga abacamanza n'abashikirizamanza n'abafasha babo hamwe n'inzego zindi zifasha ubutungane,
- Ugushinga urutonde rw'ivyaha hamwe n'ibihano bijanye,
- Ugutunganya ivyerekeye abashingwamanza,
- Ukuringaniza ivyerekeye amabohero,
- Ukugirira ikigongwe abagirizwa n'abakoze ivyaha.

4) *Ugukingira ibidukikije n'ukubungabunga itunga kamere ry'igihugu.*

5) *Ivyerekeye imari n'itunga vy'igihugu :*

- Gukora amafaranga,
- Gushinga amafaranga igihugu gikoresha,
- Gushinga urugero rw'amatagisi hamwe n'amakori,

nistratives ainsi que les découpages électoraux,

- Régime électoral,
- Règles générales d'organisation de la défense nationale,
- Statuts des personnels militaires, des forces de sécurité publique et assimilés,
- Principes généraux de la fonction publique,
- Statut de la fonction publique,
- Etat d'exception,
- Création et suppression des établissements et des services publics autonomes,
- Organisation des juridictions de tous ordres et procédure suivie devant ces juridictions ; création de nouveaux ordres de juridiction ; détermination des statuts de la magistrature, des offices ministériels et des auxiliaires de justice,
- Détermination des crimes et délits ainsi que des peines qui leur sont applicables,
- Organisation du barreau,
- Régime pénitentiaire,
- Amnistie.

4) *La protection de l'environnement et la conservation des ressources naturelles.*

5) *Les questions financières et patrimoniales :*

- Régime d'émission de la monnaie,
- Budget de l'Etat,
- Définition du l'assiette et du taux des impôts et taxes,

- Gushinga ukugene inzego z'igihugu zikoresha amatungo yazo n'ingene zishobora kuyagurisha canke kuyagaba.

6) *Kugarurira igihugu amashirahamwe yigenga canke kuyasubiza abikorera ivyabo n'ukugurisha ku bikorera ivyabo amashirahamwe asanzwe yegamiye Leta.*

7) *Amabwirizwa yerekeye inyigisho n'ugutohoza ubuhinga.*

8) *Imigambi y'igihugu yerekeye ubutunzi n'imibano.*

9) *Ugushinga amabwirizwa yerekeye akazi, ugutegekaniriza akazoza abakozi n'uburenganzira bwo gushinga amashirahamwe y'abakozi, hamwe n'ingene abakozi bashobora guhagarika akazi bisunze amabwirizwa.*

Ingingo ya 112

Ibitari muri uru rutonde rw'ibitegerezwa kuringanizwa n'amabwirizwa biringanizwa n'amategeko y'Umukuru w'igihugu.

Ingingo ya 113

Amabwirizwa yashinzwe imbere yuko iri Bwirizwa Nshingiro rikurikizwa ariko agatunganya ibiringanizwa n'amategeko, ashobora guhindurwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu, Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro imaze gutanga iciyumviro cayo.

Ingingo ya 114

Amategeko yashinzwe imbere yuko iri Bwirizwa Nshingiro rikurikizwa ariko agatunganya ibiringanizwa n'amabwirizwa, ashobora guhindurwa n'amabwirizwa canke n'amategeko-bwirizwa, Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro imaze gutanga iciyumviro cayo.

- Aliénation et gestion du domaine de l'Etat.

6) *Les nationalisations et dénationalisations d'entreprises et les transferts de propriété d'entreprise du secteur public au secteur privé.*

7) *Le régime de l'enseignement et de la recherche scientifique.*

8) *Les objectifs de l'action économique et sociale de l'Etat.*

9) *La législation du travail, de la sécurité sociale, du droit syndical y compris les conditions d'exercice du droit de grève.*

Article 112

Les matières autres que celles du domaine de la loi ont un caractère réglementaire.

art. 71

Article 113

Les textes de forme législative intervenus en ces matières peuvent être modifiés dès l'entrée en vigueur de la présente Constitution, par décret présidentiel pris après avis de la Cour constitutionnelle.

Article 114

Les textes de forme réglementaire intervenus dans les matières qui relèvent du domaine de la loi peuvent être modifiés dès l'entrée en vigueur de la présente Constitution, par voie législative, après avis de la Cour constitutionnelle.

Ingingo ya 115

Ibwirizwa ni ryo ryerekana uko umwaka utashe aho Leta izokura amafaranga izokoresha, n'ico izoyakoresha.

Ingingo ya 116

Inama Nshingamateka ishikirizwa n'Urwego Nshikiranganji integuro y'ibwirizwa ryerekeye amafaranga Leta izokwinjiza n'ayo izokoresha, mu ntango y'inama yayo yo mu kwezi kwa Gitugutu.

Ingingo ya 117

Inama Nshingamateka ni yo yemeza amafaranga Leta ikoresha ku mwaka. Iyo itaremeza ayo mafaranga kw'igenekerezo rya 31 Kigarama, Leta ica iba irakoresha ku kwezi amafaranga angana n'ayo yakoresheje mu mwaka uheze, atarenze ica cumi na kabiri c'ayo mafaranga.

Bisabwe n'Umushikiranganji wa mbere, Inama Nshingamateka irahamagarwa mu nama idasanzwe mu misi cumi n'itanu kugira ngo isubire yihweze integuro y'ibwirizwa ryerekeye amafaranga Leta yinjiza n'ayo ikoresha.

Iyo iyo nama idasanzwe iheze Inama Nshingamateka itaremeza amafaranga Leta izokoresha, ayo mafaranga aca yemezwa n'itegeko-bwirizwa rifatiwe mu Nama Nshikiranganji.

Ingingo ya 118

Inama Nshingamateka mu nama yayo ya mbere iratora ibiro nshingwabikorwa bigizwe n'umukuru wavyo, icegera ciwe n'abandi bashingamateka bakenewe.

Ikiringo Umukuru w'Inama Nshingamateka n'abandi bashingamateka bagize ibiro bamara,

Article 115

La loi de finances détermine, pour chaque année, les ressources et les charges de l'Etat.

Article 116

L'Assemblée Nationale est saisie du projet de loi de finances dès l'ouverture de sa session d'octobre.

Article 117

L'Assemblée Nationale vote le budget. Si l'Assemblée Nationale ne s'est pas prononcée à la date du 31 décembre, le budget de l'année précédente est repris par douzièmes provisoires.

A la demande du Premier Ministre, l'Assemblée Nationale est convoquée en session extraordinaire, dans un délai de 15 jours, pour réexaminer le projet de loi de finances.

Si l'Assemblée n'a pas voté le budget à la fin de cette session, le budget est établi définitivement par décret-loi pris en conseil des Ministres.

Article 118

L'Assemblée Nationale élit, dès sa première réunion, le Bureau composé du Président, du Vice-Président et d'autant de membres que de besoin.

Le Président et les autres membres du Bureau de l'Assemblée Nationale sont élus pour la durée de la législa-

kingana n'ikiringo Inama Nshingamateka imara, nk'uko bitegekanijwe n'amategeko agenga ingene abashingamateka bitunganiriza akazi kabo.

Abo bagize ibiro vy'Inama Nshingamateka bashobora gukurwa muri ayo mabanga mu gihe cose bikenewe, hakurikijwe amategeko agenga ingene Inama Nshingamateka itunganijwe mu kurangura akazi kayo.

Inama ya mbere y'Inama Nshingamateka itegerezwa gukorana ku musi w'imirimo ugira cumi na gatanu ukurikira itora ry'abashingamateka. Kuri uwo musi, hihwezwa gusa ivyerekeye itora ry'Umukuru w'Inama Nshingamateka n'abandi bagize ibiro vyayo. Iyo nama irongorwa n'umushingamateka asumvya abandi imyaka y'amavuka.

Ingingo ya 119

Ikiringo c'umushingamateka gihera iyo asandavye, iyo atanze imihoho canke iyo atagishobora kurangura ibanga ry'abashingamateka. Ikiringo c'umushingamateka gihera kandi iyo yarengeje ica kane c'amakoraniro y'Inama Nshingamateka atitavye ata mvo, canke iyo asanze ibwirizwa ryamukumiriye.

Ingingo ya 120

Inama Nshingamateka ikorana kabiri mu mwaka. Ikoraniro rya mbere ritangura muri Ndamukiza ku wa mbere utangura muri uko kwezi. Ikoraniro rigira kabiri ritangura muri Gitugutu ku wa mbere utangura muri uko kwezi. Nta koraniro rishobora kumara amezi arenga abiri.

Amakoraniro adasanzwe arashobora gutumwako bisabwe n'Umukuru w'igihugu, Umushikiranganji wa mbere canke

ture dans les conditions fixées par le Règlement intérieur de ladite Assemblée.

Toutefois, il peut être mis fin à leurs fonctions en cours de la législature conformément au Règlement intérieur.

La première session de la législature se réunit de plein droit le premier jour ouvrable suivant le quinzième jour après son élection. Son ordre du jour comprend alors exclusivement l'élection de son Président et de son Bureau. Elle est présidée par le Représentant le plus âgé.

Article 119

Le mandat du Représentant prend fin par le décès, la démission, l'incapacité permanente, l'absence injustifiée à plus d'un quart des séances d'une session ou lorsque le Représentant tombe dans l'un des cas de déchéance prévus par la loi électorale.

Article 120

L'Assemblée Nationale se réunit chaque année en deux sessions ordinaires. La première session débute le premier lundi du mois d'avril et la deuxième le premier lundi du mois d'octobre de chaque année. La durée totale de chaque session ne peut excéder deux mois.

Des sessions extraordinaires, ne dépassant pas une durée de quinze jours, peuvent être convoquées à la demande du

bisabwe n'abarenga ica kabiri c'abagize Inama Nshingamateka, kugira ngo Inama Nshingamateka yihweze ibibazo vyategekanijwe. Ikoraniro ridasanzwe ntirishobora kurenza imisi cumi n'itanu.

Itegeko ry'Umukuru w'igihugu ni ryo rishinga igihe amanama adasanzwe y'abashingamateka atangurira n'igihe aherera.

Ingingo ya 121

Inama Nshingamateka ntishobora gufata ingingo yemejwe n'abashingamateka, ivya gatatu bibiri vy'abashingamateka batitavye inama.

Amabwirizwa ashingwa yemejwe n'abashingamateka barenga ica kabiri c'abitavye inama.

Amabwirizwa yategekanijwe n'Ibwirizwa Nshingiro ashingwa yemejwe n'ivya gatatu bibiri vy'abashingamateka bitavye inama. Ariko, abayemeye bategerezwa kuba barenga ica kabiri c'abashingamateka bose bagize Inama Nshingamateka.

Ingingo ya 122

Ingingo z'abashingamateka ntizishobora kwemerwa zidafatiwe mu ngoro isanzwe iberamwo inama zayo, kiretse iyo hariho ingorane ikomeye yemejwe na Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro.

Inama Nshingamateka ikorana icese. Ariko bikenewe, irashobora gukorera mu mwiherero.

Icegeranyo c'ivyihwejwe mu Nama Nshingamateka gitangazwa mu Kinyamakuru c'Inama Nshingamateka.

Président de la République, du Premier Ministre ou à la demande de la majorité absolue des membres composant l'Assemblée Nationale, sur un ordre du jour déterminé.

Les sessions extraordinaires sont ouvertes et closes par décret du Président de la République.

Article 121

L'Assemblée Nationale ne peut délibérer valablement que si les deux-tiers des Représentants sont présents. Les lois sont votées à la majorité absolue des Représentants présents.

Les lois organiques sont votées à la majorité des deux-tiers des Représentants présents, sans que cette majorité puisse être inférieure à la majorité absolue des membres composant l'Assemblée.

Article 122

Sauf cas de force majeure dûment constaté par la Cour constitutionnelle, les délibérations de l'Assemblée Nationale ne sont valables que si elles se déroulent au lieu ordinaire de ses sessions.

Les séances de l'Assemblée Nationale sont publiques. Toutefois, l'Assemblée peut se réunir à huis clos en cas de besoin.

Le compte-rendu des débats de l'Assemblée Nationale est publié au Journal parlementaire.

Ingingo ya 123

Imirwi y'abashingamateka yishimikije amacakubiri irabujijwe mu Nama Nshingamateka.

Article 123

La formation de groupes parlementaires à caractère divisionniste au sein de l'Assemblée Nationale est interdite.

Ingingo ya 124

Inama Nshingamateka ni yo ishinga izindi ngingo zerekeye ukugene itunganijwe n'ukugene ikora.

Article 124

L'Assemblée Nationale adopte le Règlement intérieur fixant les autres règles de son organisation et de son fonctionnement.

Ingingo ya 125

Ibwirizwa ni ryo rizoshinga kandi rigatunganya Sentare isuzuma ikongera ikemeza ingene amafaranga y'igihugu mu nzego z'igihugu yakoreshejwe, uko umwaka utashe.

Iyo Sentare irategura raporo yerekana ingene Urwego Nshikiranganji rwakoresheje amafaranga y'igihugu, ikayishikiriza Inama Nshingamateka.

Article 125

Une juridiction des comptes, chargée de l'examen, de la liquidation et de l'arrêté des comptes de tous les services publics sera créée et organisée par la loi.

Cette juridiction vérifie, à la fin de chaque exercice budgétaire, si la loi de finances a été exécutée correctement par le Gouvernement et rend compte à l'Assemblée Nationale.

Ikigabane ca gatandatu

INGENE INZEGO NSHINGWANTWARO N'IYISHINGA AMABWIRIZWA ZIKORANA

Ingingo ya 126

Mu gushinga urutonde rw'ibibazo abashingamateka bihweza mu nama, ivyo Urwego Nshikiranganji rwipfuza biza ubwa mbere kandi nkuko rwabikurikiranije. Urwo rutonde rwerekeye integuro z'amabwirizwa yashikirijwe n'Urwego Nshikiranganji hamwe n'integuro z'amabwirizwa zashikirijwe n'abashingamateka.

Titre VI

DES RAPPORTS ENTRE l'EXECUTIF ET LE LEGISLATIF

Article 126

L'ordre du jour de l'Assemblée Nationale comporte par priorité et dans l'ordre que le Gouvernement a fixé, la discussion des projets de lois déposés par le Gouvernement et des propositions de lois déposées par les membres de l'Assemblée Nationale.

Ingingo ya 127

Abagize Inama Nshingamateka, Umukuru w'igihugu n'abagize Urwego Nshikiranganji ni bo bafise ububasha bwo gushikiriza integuro z'amabwirizwa.

Ingingo ya 128

Urwego Nshikiranganji rurafise ububasha bwo kwunganira n'ugushikiriza ivyiyumviro vyotuma integuro y'amabwirizwa yashikirijwe n'abashingamateka ihinduka.

Inama Nshingamateka irafise ububasha bwo kwunganira n'ugushikiriza ivyiyumviro vyotuma integuro y'amabwirizwa yashikirijwe n'Urwego Nshikiranganji ihinduka.

Ariko rero, integuro z'amabwirizwa n'ivyiyumviro vyo kuzihindura vyashikirijwe n'abashingamateka ntibishobora kwakirwa iyo bituma amatungo y'igihugu agabanuka cane, canke bigatuma igihugu gisohora amafaranga adasanzwe ategekanijwe, canke ayasanzwe ategekanijwe gukoreshwa yongerekana cane. Izo nteguro n'ivyo vyiyumviro bishobora kwihwezwa gusa iyo ababishikirije baciye berekana ahandi amafaranga akenewe yova.

Iyo Inama Nshingamateka yashinze umurwi wayo kwihweza integuro y'ibwirizwa, inama imaze gutangura, Urwego Nshikiranganji rurafise ububasha bwo kwanka ko iyindi ngingo nshasha ihindura iyo nteguro yihwezwa n'Inama Nshingamateka mu gihe iyo ngingo itaciye muri uwo murwi.

Iyo Urwego Nshikiranganji rubisavye, Inama Nshingamateka iremeza icarimwe ibwirizwa ryose canke igice caryo, ifatiye ku vyiyumviro vyo guhindura ibwirizwa rwemeye rwo nyene.

Article 127

L'initiative des lois appartient concurremment à l'Assemblée Nationale, au Président de la République et au Gouvernement.

Article 128

Le Gouvernement a le droit de proposer des amendements aux propositions de lois soumises par les membres de l'Assemblée Nationale.

Les Représentants ont le droit de proposer des amendements aux projets de lois déposés par le Gouvernement.

Toutefois, les propositions et amendements formulés par les membres de l'Assemblée Nationale ne sont pas recevables lorsque leur adoption aurait pour conséquence, soit une diminution importante des ressources publiques, soit la création ou l'aggravation d'une charge publique importante, à moins que ces propositions ou amendements ne soient assortis de propositions de recettes compensatrices.

Lorsque l'Assemblée a confié l'examen d'un projet de texte à une commission parlementaire, le Gouvernement peut, après l'ouverture des débats, s'opposer à l'examen de tout amendement qui n'a pas été préalablement soumis à cette commission.

Si le Gouvernement le demande, l'Assemblée se prononce par un seul vote sur tout ou partie du texte en ne retenant que les amendements proposés ou acceptés par lui.

Ingingo ya 129

Kugira ngo rushobore kurangura imigambi yarwo, Urwego Nshikiranganji rurashobora gusaba uruhusha Inama Nshingamateka rwo kwishingira, mu kiringo gitoyi, amategekobwirizwa yemeza ingingo zisanzwe zotegekanijwe n'amabwirizwa.

Ayo mategeko-bwirizwa ategerezwa kwemezwa n'Inama Nshingamateka mu nama yayo ikurikira.

Mu gihe atemejwe n'Inama Nshingamateka ntasubira gukurikizwa.

Ingingo ya 130

Umukuru w'igihugu ashira igikumu ku mabwirizwa yashinzwe n'Inama Nshingamateka mu misi mirongo itatu ikurikira umusi yayarungikiweko, kiretse asavye ko asubira kwihwezwa canke ngo asabe Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro gusuzuma ko adaciye kubiri n'Ibwirizwa Nshingiro.

Umukuru w'igihugu ashobora gusaba ko ibwirizwa ryose canke ingingo zimwe zimwe zaryo vyosubirwamwo.

Iryo bwirizwa, rimaze gusubirwamwo, ntirishobora gushirwako igikumu ritemejwe n'ivya gatatu bibiri vy'abashingamateka bose iyo ari ibwirizwa risanzwe, n'ivya kane bitatu iyo ari ibwirizwa ryategekanijwe n'Ibwirizwa Nshingiro.

Ingingo ya 131

Umukuru w'igihugu amaze guhanuza Umushikiranganji wa mbere n'Umukuru w'Inama Nshingamateka, arashobora gusaba abanyagihugu kwemeza mw'itora ingingo yerekeye Ibwirizwa Nshingiro, integuro y'ibwirizwa canke ikibazo ico ari co cose gishobora kugira

Article 129

Le Gouvernement peut, pour l'exécution de son programme, demander à l'Assemblée Nationale l'autorisation de prendre par décrets-lois, pendant un délai limité, les mesures qui sont normalement du domaine de la loi.

Ces décrets-lois doivent être ratifiés par l'Assemblée Nationale au cours de la session suivante.

En l'absence d'une loi de ratification, ils sont frappés de caducité.

Article 130

Le Président de la République promulgue les lois adoptées par l'Assemblée Nationale dans un délai de trente jours à compter de leur transmission, s'il ne formule aucune demande de seconde lecture ou ne saisit la Cour constitutionnelle en inconstitutionnalité.

La demande d'un nouvel examen peut concerner le tout ou partie de la loi.

Après une deuxième lecture, le même texte ne peut être promulgué que s'il a été voté à une majorité des deux-tiers des Représentants pour les lois ordinaires, et à une majorité des trois-quarts des Représentants pour les lois organiques.

Article 131

Le Président de la République peut, après consultation du Premier Ministre et du Président de l'Assemblée Nationale, soumettre au référendum tout projet de texte constitutionnel, législatif ou autre, susceptible d'avoir des répercussions profondes

inkurikizi zihambaye mu buzima na kazoza vy'igihugu, canke ku buryo inzego z'igihugu ziteye n'ingene zikora.

sur la vie et l'avenir de la nation ou sur la nature ou le fonctionnement des institutions de la République.

Ingingo ya 132

Umukuru w'igihugu ararungikira Inama Nshingamateka ubutumwa ; bushikirizwa n'Umushikiranganji wa mbere canke uwundi mushikiranganji.

Abashingamateka barumviriza ubwo butumwa, ariko ntaco babuvugako.

Article 132

Le Président de la République communique avec l'Assemblée Nationale par voie de message qu'il fait lire par le Premier Ministre ou par un autre membre du Gouvernement.

Ces messages ne donnent lieu à aucun débat.

Ingingo ya 133

Abashikiranganji barashobora gukurikirana ibikorwa vy'Inama Nshingamateka. Barashobora gushikiriza ijambo iyo babisavye. Barashobora kandi kujana n'abahinga babafasha.

Article 133

Les membres du Gouvernement peuvent assister aux séances de l'Assemblée Nationale. Ils sont entendus quand ils le demandent. Ils peuvent se faire assister par des experts.

Ingingo ya 134

Inama Nshikiranganji imaze kuvyihweza, Umushikiranganji wa mbere arashobora kuja imbere y'Inama Nshingamateka akayibaza ko icizigiye Urwego Nshikiranganji ku vyerekeye imigambi mikuru mikuru y'igihugu canke ku vyerekeye integuro y'ibwirizwa.

Inama Nshingamateka ntishobora kwihweza ico kibazo gishikirijwe hadaciye imisi itatu yuzuye. Kugira ngo Inama Nshingamateka yemeze ko itacizigiye Urwego Nshikiranganji, birinda gushigikirwa n'abashingamateka barenga ica kabiri c'abagize Inama Nshingamateka.

Mu gihe Inama Nshingamateka yemeje ko itacizigiye Urwego Nshikiranganji, urwo rwego rutegerezwa guca rutanga imihoho.

Article 134

Le Premier Ministre, après délibération du conseil des Ministres, peut engager la responsabilité du Gouvernement devant l'Assemblée Nationale, en posant la question de confiance, soit sur une déclaration de politique générale, soit sur le vote d'un texte de loi.

Le débat sur la question de confiance ne peut intervenir que trois jours francs après qu'elle ait été posée. La confiance ne peut être refusée qu'à la majorité absolue des membres composant l'Assemblée Nationale.

Lorsque l'Assemblée émet un vote de défiance, le Premier Ministre doit remettre au Président de la République la démission du Gouvernement.

Ingingo ya 135

Amaze guhanuza Umushikiranganji wa mbere n'Umukuru w'Inama Nshingamateka, Umukuru w'igihugu arashobora kubogoza Inama Nshingamateka.

Itora ry'abashingamateka ritegerezwa kuba mu mezi atatu akurikira.

Mu mwaka ukurikira iryo tora, Inama Nshingamateka ntishobora gusubira kubogozwa.

Ingingo ya 136

Abashingamateka barafise ububasha bwo kwihweza imigambi y'Urwego Nshikiranganji n'uburyo ruyirangura, bakagira ico babivuzeko.

Ingingo ya 137

Inama Nshingamateka irashobora gusaba ko Urwego Nshikiranganji rwoyimenyesha ivyo ruriko rurarangura. Ivyo ikabibaza abashikiranganji biciye mu nzandiko canke imbonankubone.

Iyo abashingamateka bari mu nama, hategerezwa kwama hari ikiringo kimwe mu ndwi gihariwe ibibazo bibazwa Urwego Nshikiranganji n'inyishu zavyo.

Urwego Nshikiranganji rutegerezwa kwishura ibibazo vyose vy'Inama Nshingamateka vyerekeye ukugene rutunganya ibikorwa vyarwo vya misi yose n'ukugene rurangura imigambi yarwo.

Ingingo ya 138

Inama Nshingamateka irafise ububasha bwo gushinga imirwi itohoza ingene Urwego Nshikiranganji rurangura imigambi yarwo.

Article 135

Le Président de la République peut, après consultation du Premier Ministre et du Président de l'Assemblée Nationale, prononcer la dissolution de l'Assemblée Nationale.
Les élections législatives ont lieu dans les trois mois qui suivent la dissolution.

Il ne peut être procédé à une nouvelle dissolution dans l'année qui suit ces élections.

Article 136

Les Représentants ont le droit de débattre de l'action et de la politique du Gouvernement.

Article 137

L'Assemblée Nationale peut s'informer sur l'activité du Gouvernement par la voie des questions orales ou écrites adressées aux membres du Gouvernement.

Durant les sessions, une séance par semaine est réservée par priorité aux questions des Représentants et aux réponses du Gouvernement.

Le Gouvernement est tenu de fournir à l'Assemblée Nationale toutes explications qui lui sont demandées sur sa gestion et sur ses actes.

Article 138

L'Assemblée Nationale a le droit de constituer des commissions parlementaires chargées d'enquêter sur des objets déterminés de l'action gouvernementale.

Ingingo ya 139

Inama Nshingamateka irashobora kugayira Urwego Nshikiranganji uburyo rutunganya ivy'igihugu, igaca isaba ko rwotanga imihoho. Ico ciyumviro cakirwa iyo ica kane c'abagize Inama Nshingamateka bagishigikiye.

Abashingamateka ntibashobora kucihweza hadaciye amasaha mirongo indwi n'abiri kuva igihe gishikirijwe. Haharurwa gusa amajwi y'abagishigikiye.

Ingingo y'ukugayira Urwego Nshikiranganji uburyo rukora yemezwa n'ivya gatanu bitatu vy'abagize Inama Nshingamateka. Iyo ngingo itemewe, abayisavye ntibashobora gushikiriza iyindi mweniyo muri iryo koraniro.

Igihe Inama Nshingamateka ifashe ingingo yo kugayira Urwego Nshikiranganji, Umushikiranganji wa mbere aca amenyesha Umukuru w'igihugu ko Urwego Nshikiranganji rutanze imihoho.

Article 139

L'Assemblée Nationale met en cause la responsabilité du Gouvernement par le vote d'une motion de censure. Une telle motion n'est recevable que si elle est signée par un quart au moins des membres de l'Assemblée Nationale.

Le vote ne peut avoir lieu que soixante-douze heures après son dépôt.

Seuls sont recensés les votes favorables à la motion de censure qui ne peut être adoptée qu'à une majorité des trois-cinquièmes des membres composant l'Assemblée. Si la motion de censure est rejetée, ses signataires ne peuvent en proposer une nouvelle au cours de la même session.

Lorsque l'Assemblée Nationale adopte une motion de censure, le Premier Ministre doit remettre au Président de la République la démission du Gouvernement.

Ikigabane c'indwi

URWEGO RW'AMASENTARE

Ingingo ya 140

Mu gihugu cose, Sentare zica imanza kw'izina ry'abarundi bose.

Abashikirizamanza bashinzwe ibanga ryo gutohoza, gushikiriza no gushinga imanza zerekeye ivyaha be n'ayandi mabanga ajanye n'imanza.

Ibwirizwa ni ryo ritomora iriganizwa n'ububasha bwa Sentare.

Titre VII

DU POUVOIR JUDICIAIRE

Article 140

La justice est rendue par les cours et tribunaux sur tout le territoire de la République au nom du peuple burundais.

Le rôle et les attributions du Ministère Public sont remplis par les magistrats du Parquet.

L'organisation et la compétence judiciaires sont fixées par la loi.

Ingingo ya 141

Intahe ya Sentare ikubitwa icese. Ariko Sentare irashobora gutaramura, biciye mu ntahe, abo urubanza rutere-keye, iyo ukuburanisha icese bishobora kubangamira umutekano canke imico myiza y'igihugu.

Ingingo ya 142

Urubanza rwose rucibwa rutegerezwa kuba rufise imvo n'imvano, kandi rugashikirizwa icese.

Ingingo ya 143

Inzego za Sentare zirigenga. Inama Nshingamateka n'inzego nshingwantwaro ntizishobora kugira ico zitegeka izo Sentare mu guca imanza.

Mu kurangura amabanga yiwe, umucamanza yisunga Ibwirizwa Nshingiro, amabwirizwa n'amategeko y'igihugu gusa.

Ingingo ya 144

Umukuru w'igihugu ni we nkinzo y'ubwigenge bw'inzego za Sentare. Abifashwa n'Inama Nkuru y'abacamanza n'abashikirizamanza. Ibwirizwa ni ryo rigena abayigize, rikayitunganya, rikongera rigashinga uburyo irangura ibanga riyega.

1. Sentare Ntahinyuzwa

Ingingo ya 145

Sentare Ntahinyuzwa ni yo ikurira izindi Sentare zisanzwe mu Burundi. Ni yo icungera ko ayandi masentare akurikiza amabwirizwa.

Iyo Sentare irimwo ibisata bikurikira :

Article 141

Les audiences des juridictions sont publiques, sauf cas de huis clos prononcé par décision judiciaire, lorsque la publicité est dangereuse pour l'ordre public ou les bonnes moeurs.

Article 142

Toute décision judiciaire est motivée ; son dispositif est prononcé en audience publique.

Article 143

Le pouvoir judiciaire est indépendant du pouvoir législatif et du pouvoir exécutif.

Dans l'exercice de ses fonctions, le juge n'est soumis qu'à la Constitution et à la loi.

Article 144

Le Président de la République, Chef de l'Etat, est garant de l'indépendance de la magistrature. Il est assisté, dans cette mission par le Conseil supérieur de la magistrature dont la composition, l'organisation et le fonctionnement sont déterminés par la loi.

1. De la Cour Suprême

Article 145

La Cour suprême est la plus haute juridiction ordinaire de la République. Elle est garante de l'application de la loi par les cours et tribunaux. Elle comprend :

- Igisata gasamburamanza cakira imanza zisambuzwa zitakigira iyungururizo, zaciwe n'izindi Sentare, kiretse Sentare zitegekanijwe n'ingingo ya 146 agace ka mbere, muri iri Bwirizwa Nshingiro.
- Igisata cihweza imanza zaciwe na Sentare ziburanisha Leta n'inzego zayo, kikongera kikihweza imanza zungurujwe n'izindi nzego zitegekanijwe n'amabwirizwa.
- Igisata gica imanza z'ivyaha vyakozwe n'abanyamabanga b'igihugu n'abandi bakuru baburanishwa na Sentare Ntahinyuzwa yo nyene.

Ingingo ya 146

Ingingo zifashwe n'igisata ca Sentare Ntahinyuzwa cihweza imanza zaciwe na Sentare ziburanisha Leta n'inzego zayo n'ingingo zifashwe n'igisata ca Sentare Ntahinyuzwa gica imanza z'ivyaha hamwe n'izifashwe n'izindi Sentare zinganya ububasha n'ivyo bisata, zirashobora gusamburwa na Sentare Ntahinyuzwa ishashe mu bisata vyayo vyose.

Ingingo zifashwe n'igisata gasamburamanza hamwe n'izifashwe na Sentare Ntahinyuzwa ishashe mu bisata vyayo vyose, ntaho zungururizwa kiretse ugusaba ikigongwe Umukuru w'igihugu, canke zisubiwemwo ukundi gusha kubera ivyagiriji bishasha bitari vyashoboye kuboneka igihe urubanza ntabanduka rwacibwa.

Ingingo ya 147

Abacamanza ba Sentare Ntahinyuzwa bagenwa n'Umukuru w'igihugu.

- Une Chambre de cassation qui connaît des recours en cassation contre les décisions rendues en dernier ressort par les juridictions autres que celles visées à l'article 146, alinéa 1er.
- Une Chambre administrative qui statue sur les recours contre les décisions rendues par les juridictions administratives et sur les autres recours prévus par les textes de lois.
- Une Chambre judiciaire qui connaît des infractions commises par les mandataires politiques ou publics justiciables de la Cour suprême en premier et dernier ressort.

Article 146

Les décisions de la Chambre administrative et de la Chambre judiciaire de la Cour suprême ainsi que les décisions des juridictions de même rang que les Chambres de la Cour suprême sont susceptibles de cassation devant les Chambres réunies de la Cour suprême.

Les décisions de la Chambre de cassation et de la Cour suprême toutes Chambres réunies ne sont susceptibles d'aucun recours, si ce n'est en grâce ou en révision.

Article 147

Les juges de la Cour suprême sont nommés par le Président de la République.

Ingingo ya 148

Ibwirizwa ni ryo ritomora ingene Sentare Ntahinyuzwa iringanijwe kandi itunganijwe. Ibwirizwa rirerekana kandi ingene ikora n'amategeko akurikizwa mu kurangura amabanga yayo.

2. Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro

Ingingo ya 149

Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro ni yo Sentare y'igihugu iraba ivyerekeye Ibwirizwa Nshingiro. Ni yo igenzura yuko amabwirizwa n'amategeko afatwa adaciye kubiri n'Ibwirizwa Nshingiro, ikongera igatanga insiguro yaryo iyo bikenewe.

Ingingo ya 150

Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro igizwe n'abantu batari munsi ya batanu ariko ivyo ari vyo vyose igitigiri cabo gitegerezwa kuba igiharwe. Abayigize bagenwa n'Umukuru w'igihugu ; ikiringo cabo kikangana n'imyaka itandatu, kandi barashobora kwongerwa ikindi kiringo.

Abagize iyo Sentare bategerezwa kuba baranonosoye ivy'ubuhinga bw'amabwirizwa n'amategeko, bashikanye imyaka itari munsi y'umunani barangura amabanga yabo.

Batorwa mu bantu b'intungane, b'imvugakuri kandi badatamikwa ijambo.

Ica kabiri c'abagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro bategerezwa kuba ari abacamanza canke abashikirizamanza bagize ubucamanza umwuga wabo.

Article 148

La loi précise la composition et l'organisation de la Cour suprême. Elle détermine également les règles de fonctionnement et la procédure applicable devant cette Cour.

2. De la Cour Constitutionnelle

Article 149

La Cour constitutionnelle est la juridiction de l'Etat en matière constitutionnelle. Elle est juge de la constitutionnalité des lois et interprète de la Constitution.

Article 150

La Cour constitutionnelle est composée d'un nombre impair d'au moins 5 membres nommés par le Président de la République pour un mandat de 6 ans renouvelable.

Les membres de la Cour constitutionnelle doivent être des juristes de haut niveau, ayant une expérience professionnelle d'au moins 8 ans.

Ils sont choisis parmi les personnalités reconnues pour leur intégrité morale, leur impartialité et leur indépendance.

La moitié des membres de la Cour constitutionnelle est constituée de magistrats de carrière.

Ingingo ya 151

Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro ifise ububasha bukurikira :

- Kwihweza ko amabwirizwa n'amategeko afatwa adaciye kubiri n'Ibwirizwa Nshingiro, bisabwe n'Umukuru w'igihugu, Umushikiranganji wa mbere, Umukuru w'Inama Nshingamateka, ica kane c'abagize Inama Nshingamateka canke abo bose bavugwa mu ngingo ya 153.
- Gutanga insiguro y'Ibwirizwa Nshingiro bisabwe n'Umukuru w'igihugu, Umushikiranganji wa mbere, Umukuru w'Inama Nshingamateka canke ica kane c'abagize Inama Nshingamateka.
- Kwihweza yuko amatora y'Umukuru w'igihugu n'ay'abashingamateka hamwe n'ayandi matora yategekanijwe n'Ibwirizwa Nshingiro yatunganijwe nk'uko vyategekanijwe, n'ukumenyesha abarundi uko amatora yagenze.
- Kwakira indahiro y'Umukuru w'igihugu imbere y'uko atangura kurangura amabanga ajejwe.
- Kwemeza ko igihugu kitagifise Umukuru waco.

Amabwirizwa akomoka kw'Ibwirizwa Nshingiro ategerezwa gusuzumwa na Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro imbere yuko ashirwako igikumu n'Umukuru w'igihugu ; itegeko ritomora ingene Inama Nshingamateka ikora na ryo nyene ritegerezwa gusuzumwa na Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro imbere yuko rikurikizwa.

Ingingo ya 152

Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro irafise kandi ububasha bwo gusuzuma n'ugufata ingingo ku bitegekanijwe

Article 151

La Cour constitutionnelle est compétente pour :

- Statuer sur la constitutionnalité des lois et des actes réglementaires pris dans les matières autres que celles relevant du domaine de la loi sur demande du Président de la République, du Premier Ministre, du Président de l'Assemblée Nationale, d'un quart des Représentants ou des personnes et de l'organe visés à l'article 153,
- Interpréter la Constitution, à la demande du Président de la République, du Premier Ministre, du Président de l'Assemblée Nationale ou d'un quart des Représentants,
- Statuer sur la régularité des élections présidentielles et législatives et des référendums et en proclamer les résultats,
- Recevoir le serment du Président de la République avant son entrée en fonctions,
- Constater la vacance du poste de Président de la République.

Les lois organiques avant leur promulgation, le Règlement intérieur de l'Assemblée Nationale avant sa mise en application, sont soumis obligatoirement au contrôle de constitutionnalité.

Article 152

La Cour constitutionnelle est également compétente pour statuer sur les cas prévus

n'ingingo ya 79 agace ka mbere n'aka 4, 85 agace ka 6, 113, 114, 122 n'iya 176, ziri muri iri Bwirizwa Nshingiro.

aux articles 79 alinéa 1er et 4, 85 alinéa 6, 113, 114, 122 et 176.

Ingingo ya 153

Umuntu uwo ari we wese abikeneye, ishirahamwe iryo ari ryo ryose ribikeneye canke abashikirizamanza, barashobora kwitura kuri Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro bakadoma urutoke ku mabwirizwa n'amategeko yoba yashinzwe biciye kubiri n'Ibwirizwa Nshingiro. Bashobora kubigira mu kwishikirira bo nyene Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro, canke mu kubimenyesha abandi bacamanza mu gihe babonye ko urubanza bariko barabacira rushingiye ku ngingo y'ibwirizwa canke y'itegeko iciye kubiri n'Ibwirizwa Nshingiro. Muri ico gihe, ingingo yari igiye gufatwa ntiba igifashwe gushika Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro ifate ingingo yayo, mu misi itarenga mirongo itatu.

Article 153

Toute personne physique ou morale intéressée ainsi que le Ministère Public peuvent saisir la Cour constitutionnelle sur la constitutionnalité des lois, soit directement par voie d'action, soit indirectement par la procédure d'exception d'inconstitutionnalité invoquée dans une affaire soumise à une autre juridiction. Celle-ci surseoit à statuer jusqu'à la décision de la Cour constitutionnelle qui doit intervenir dans un délai de trente jours.

Ingingo ya 154

Ingingo y'ibwirizwa canke y'itegeko bigaragaye yuko iciye kubiri n'Ibwirizwa Nshingiro ntishobora gushirwako igikumu kandi ntiheza ngo ikurikizwe.

Ingingo zifashwe na Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro ntaho zungururizwa.

Article 154

Une disposition déclarée inconstitutionnelle ne peut être promulguée ni mise en application.

Les décisions de la Cour constitutionnelle ne sont susceptibles d'aucun recours.

Ingingo ya 155

Ibwirizwa ni ryo riringaniza ingene Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro itunganijwe n'ingene irangura amabanga yayo.

Article 155

Une loi organique détermine l'organisation et le fonctionnement de la Cour constitutionnelle, ainsi que la procédure suivie devant elle.

3. Sentare Nkuru y'Ubutungane

Ingingo ya 156

Sentare Nkuru y'ubutungane igizwe n'abacamanza ba Sentare Ntahinyuzwa hamwe n'abacamanza ba Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro. Iyo ishashe, umukuru w'intahe ni umukuru wa Sentare Ntahinyuzwa.

Ingingo ya 157

Sentare Nkuru y'ubutungane ijejwe gucira urubanza Umukuru w'igihugu igihe yahemukiye igihugu, be n'Umushikiranganji wa mbere n'Umukuru w'Inama Nshingamateka igihe bakoze ivyaha bakirangura amabanga yabo.

Abo bategetsi bamaze kwitwarirwa, abashikirizamanza n'abacamanza babishinzwe bategerezwa kuba bararindirije ibindi bikorwa vyabo, bakabandanya izo manza badahengeshanya.

Ingingo zifashwe na Sentare Nkuru y'ubutungane ntaho zungururizwa kiretse ugusaba ikigongwe Umukuru w'igihugu, canke zisubiwemwo ukundi gusha kubera ivyagiriji bishasha bitari vyashoboye kuboneka igihe urubanza ntabanduka rwacibwa.

Ingingo ya 158

Mu gihe Umukuru w'igihugu, Umushikiranganji wa mbere, Umukuru w'Inama Nshingamateka bamaze kwitwarirwa muri Sentare Nkuru y'ubutungane, baca baba barahagaritswe mu mabanga yabo.

Iyo bagiriwe n'icaha, baca babogozwa mu mabanga yabo.

3. De la Haute Cour de Justice

Article 156

La Haute Cour de justice est composée de la Cour suprême et de la Cour constitutionnelle réunies. Elle est présidée par le Président de la Cour suprême.

Article 157

La Haute Cour de justice est compétente pour juger le Président de la République pour haute trahison, le Premier Ministre et le Président de l'Assemblée Nationale pour crimes et délits commis au cours de leur mandat.

L'instruction et le jugement ont lieu toutes affaires cessantes.

Les décisions de la Haute Cour de justice ne sont susceptibles d'aucun recours si ce n'est en grâce ou en révision.

Article 158

Le Président de la République en cas de mise en accusation par l'Assemblée Nationale, le Premier Ministre et le Président de l'Assemblée Nationale en cas de mise en accusation devant la Haute Cour de justice, sont suspendus de leurs fonctions.

En cas de condamnation, ils sont déchus de leurs fonctions.

Ingingo ya 159

Ibwirizwa ni ryo riringaniza ingene Sentare Nkuru y'ubutungane irangura amabanga yayo.

Ikigabane c'umunani

IVYEREKEYE INAMA NKURU Y'UBUMWE BW'ABARUNDI

Ingingo ya 160

Inama Nkuru y'ubumwe bw'abarundi ni urwego mpanuzwajambo ; mu vyo ishinzwe harimwo amabanga akurikira :

- Gukurikirana na ntaryo n'umwitwarariko ikibazo c'ubumwe bw'abarundi,
- Kuza irashikiriza raporo yerekana ingene ubumwe bw'abarundi bwifashe,
- Gutanga ivyiyumviro birashe ku kugene ubumwe bw'abarundi bwotsimbatara kurusha.

Inama Nkuru y'ubumwe bw'abarundi irashikiriza ico yiyumvira ku kibazo ico ari co cose cerekeye ubumwe bw'abarundi, ibisabwe n'abategetsi.

Ingingo ya 161

Inama Nkuru y'ubumwe bw'abarundi igizwe n'abantu b'iteka barangwa n'ubutungane, bitwararika na ntaryo ineza y'igihugu, na cane cane ubumwe bw'abarundi.

Abagize Inama Nkuru y'ubumwe bw'abarundi bagenwa n'Umukuru w'igihugu.

Article 159

Les règles de fonctionnement de la Haute Cour de justice et la procédure applicable devant elle sont fixées par la loi.

Titre VIII

DU CONSEIL DE L'UNITE NATIONALE

Article 160

Le Conseil de l'unité nationale est un organe consultatif chargé notamment :

- de suivre régulièrement et attentivement l'évolution de la société burundaise du point de vue de la question de l'unité nationale,
- de produire de façon périodique un rapport sur l'état de l'unité nationale et de le porter à la connaissance de la nation,
- d'émettre des propositions en vue de l'amélioration de la situation de l'unité nationale dans le pays.

Le Conseil de l'unité nationale donne son avis sur toute autre question en rapport avec l'unité nationale que lui soumet l'autorité.

Article 161

Le Conseil de l'unité nationale est composé de personnalités reconnues pour leur intégrité morale et l'intérêt qu'elles portent à la vie de la nation et plus particulièrement à son unité.

Les membres du Conseil de l'unité nationale sont nommés par le Président de la République.

Ingingo ya 162

Abagize Inama Nkuru y'ubumwe bw'abarundi bategerezwa kurahira ko bazokwama baharanira ubumwe bw'abarundi.

Ingingo ya 163

Ibwirizwa ni ·ryo ryerekana ingene Inama Nkuru y'ubumwe itunganijwe n'ingene irangura ibanga ryayo.

Ikigabane c'icenda

IVYEREKEYE INAMA NKURU Y'UBUTUNZI N'IMIBANO

Ingingo ya 164

Inama Nkuru y'ubutunzi n'imibano ni urwego mpanuzwajambo rwihweza kandi rugashikiriza ivyo vyose vyerekeye iterambere mu butunzi no mu mibano y'igihugu.

Itegerezwa guhanuzwa igihe cose hari integuro y'umugambi werekeye iterambere ry'igihugu canke integuro y'umugambi w'iterambere Uburundi busangiye n'ibindi bihugu.

Iyo ibonye bikenewe, Inama Nkuru y'ubutunzi n'imibano irakebura Inama Nshingamateka n'Urwego Nshikiranganji kuri ivyo vyose vyerekeye ubutunzi n'imibano vyogirira akamaro canke vyobangamira igihugu.

Irashikiriza kandi ico yiyumvira ku kibazo ico ari co cose mu gihe ibisabwe n'Umukuru w'igihugu, Urwego Nshikiranganji, Inama Nshingamateka canke izindi nzego z'igihugu.

Article 162

Les membres du Conseil de l'unité nationale doivent prêter serment de défendre l'unité nationale.

Article 163

Une loi organique précise la composition et fixe l'organisation et le fonctionnement du Conseil de l'unité nationale.

Titre IX

DU CONSEIL ECONOMIQUE ET SOCIAL

Article 164

Le Conseil économique et social est un organe consultatif ayant compétence sur tous les aspects du développement économique et social du pays.

Il est obligatoirement consulté sur tout projet de plan de développement ainsi que sur tout projet d'intégration régionale ou sous-régionale.

Le Conseil économique et social peut de sa propre initiative, sous forme de recommandation, attirer l'attention de l'Assemblée Nationale ou du Gouvernement sur les réformes d'ordre économique et social qui lui paraissent conformes ou contraires à l'intérêt général.

Il donne également son avis sur toutes les questions portées à son examen par le Président de la République, le Gouvernement, l'Assemblée Nationale ou par une autre institution publique.

Ingingo ya 165

Inama Nkuru y'ubutunzi n'imibano igizwe n'abantu batorewe ubukerebutsi n'ubuhinga bwabo, basanzwe barangura amabanga yabo mu mirimo myinshi yo mu gihugu.

Abari muri iyo nama bagenwa n'Umukuru w'igihugu.

Article 165

Le Conseil économique et social est composé de membres choisis pour leur compétence dans les différents secteurs socio-professionnels du pays.

Les membres du Conseil économique et social sont nommés par le Président de la République.

Ingingo ya 166

Ibwirizwa ni ryo ryerekana ingene Inama Nkuru y'ubutunzi n'imibano itunganijwe n'ingene irangura amabanga yayo.

Article 166

Une loi organique précise la composition et détermine l'organisation et le fonctionnement du Conseil économique et social.

Ikigabane c'icumi

IVYEREKEYE INAMA NKURU ISHINZWE UMUTEKANO MU GIHUGU

Ingingo ya 167

Inama Nkuru ishinzwe umutekano mu gihugu ni urwego mpanuzwajambo rufasha Umukuru w'igihugu n'Urwego Nshikiranganji mu gutegura imigambi yose yerekeye umutekano w'igihugu, mu gucungera ko iyo migambi ishirwa mu ngiro no mu gutora uburyo burashe bwokoreshwa mu kwivuna umwansi igihe igihugu gitewe canke habaye imidurumbanyo.

Iyo Nama ishobora guhanuzwa kuri ico cose cerekeye umutekano.

Ingingo ya 168

Abagize Inama Nkuru ishinzwe umutekano bagenwa n'Umukuru w'igihugu.

Titre X

DU CONSEIL NATIONAL DE SECURITE

Article 167

Le Conseil national de sécurité est un organe consultatif chargé d'assister le Président de la République et le Gouvernement dans l'élaboration de la politique en matière de sécurité, dans le suivi de la situation du pays en matière de sécurité et dans l'élaboration des stratégies de défense en cas de crise.

Le Conseil peut être consulté sur toute autre question en rapport avec la sécurité du pays.

Article 168

Les membres du Conseil national de sécurité sont nommés par le Président de la République.

Ingingo ya 169

Ibwirizwa ni ryo ryerekana ingene Inama Nkuru ishinzwe umutekano itunganijwe n'ingene irangura amabanga ijejwe.

Ikigabane c'icumi na rimwe

IVYEREKEYE AMASEZERANO Y'UBURUNDI N'AMAKUNGU

Ingingo ya 170

Umukuru w'igihugu ni we akurikirana inama zitegura amasezerano Uburundi bugiriranira n'amakungu. Ni we ashira igikumu kuri ayo masezerano, akemeza ko akurikizwa.

Ingingo ya 171

Amasezerano y'ukugarukana n'ugukomeza amahoro, ayo gushoreranira ibidandazwa, ayatunganya ivyerekeye amakungu, ayotuma Uburundi budaha mu kigega cabwo, ayoshobora guhindura amabwirizwa asanzweho n'ayagenga zina muntu yemezwa n'ibwirizwa.

Ingingo ya 172

Uburundi burashobora gushinga amashirahamwe bufatanije n'ibindi bihugu, ari ayo gutunganiriza hamwe ubutunzi bwavyo canke ay'ugufashanya. Burashobora kuja hamwe n'ibindi bihugu, bugatunganiriza hamwe na vyo imigambi bihuriyeko.

Ingingo ya 173

Amasezerano y'Uburundi n'ikindi gihugu canke ishirahamwe mpuzamakungu ntashobora gu-

Article 169

Une loi organique précise la composition et détermine l'organisation et le fonctionnement du Conseil national de sécurité.

Titre XI

DES TRAITES ET ACCORDS INTERNATIONAUX

Article 170

Le Président de la République a la haute direction des négociations internationales. Il signe et ratifie les traités et accords internationaux.

Article 171

Les traités de paix et les traités de commerce, les traités relatifs à l'organisation internationale, les traités qui engagent les finances de l'Etat, ceux qui modifient les dispositions de nature législative ainsi que ceux qui sont relatifs à l'état des personnes ne peuvent être ratifiés qu'en vertu d'une loi.

Article 172

La République du Burundi peut créer avec d'autres Etats des organismes internationaux de gestion ou de coordination commune et de libre coopération. Elle peut conclure des accords d'association ou de communauté avec d'autres Etats.

Article 173

Les traités ne prennent effet qu'après avoir été régulièrement ratifiés et sous

kurikizwa ataremezwa kandi ataratangura kurangurwa na bene kuyashinga bose. Amasezerano yerekeye Uburundi n'ibindi bihugu canke n'amashirahamwe mpuzamakungu akurikizwa iyo ibitegekanijwe n'ayo masezerano bikwiye.

réserve de leur application par l'autre partie pour les traités bilatéraux et de la réalisation des conditions de mise en vigueur prévues par eux pour les traités multilatéraux.

Ingingo ya 174

Amasezerano yo gushinga amakambi y'intwaramiheto z'abanyamahanga mu Burundi hamwe nayo gushingura imyavu ruhonya nganda canke yonona ibidukikije arabujijwe.

Article 174

Les accords d'installation de bases militaires étrangères sur le territoire national ainsi que ceux autorisant le stockage des déchets toxiques et autres matières pouvant porter gravement atteinte à l'environnement sont interdits.

Ingingo ya 175

Nta gice na gito gishobora kuva ku Burundi canke ngo kiguzwe ikindi, nta ntara ishobora kubwongerwako, abarundi batabanje gutumwako ngo bavyiyemerere mw'itora.

Article 175

Aucune cession, aucun échange, aucune adjonction de territoire n'est valable sans le consentement du peuple burundais appelé à se prononcer par référendum.

Ingingo ya 176

Igihe Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro isabwe n'Umukuru w'igihugu, Umushikiranganji wa mbere, Umukuru w'Inama Nshingamateka canke ica kane c'abagize Inama Nshingamateka, kwihweza ingingo z'amasezerano y'Uburundi n'amakungu, igasanga hari ingingo ziteye kubiri n'Ibwirizwa Nshingiro, ayo masezerano ntashobora kwemezwa Ibwirizwa Nshingiro ritabanje guhindurwa.

Article 176

Lorsque la Cour constitutionnelle, saisie par le Président de la République, le Premier Ministre, le Président de l'Assemblée Nationale ou un quart des Représentants, a déclaré qu'un engagement international comporte une clause contraire à la Constitution, l'autorisation de ratifier cet engagement ne peut intervenir qu'après la révision de la Constitution.

Ikigabane c'icumi na kabiri

IVYEREKEYE INZEGO Z'INTANGO

Ingingo ya 177

Ikomine canke izindi nzego zose z'intango z'igihugu zitunganywa n'ibwirizwa.

Ibwirizwa ni ryo ryerekana ingingo nshingiro izo nzego zishingiyeko, ingene zitunganijwe, ububasha bwazo n'amamuko y'amatungo yazo.

Ingingo ya 178

Ikomine irongowe n'Inama y'abashingantahe ba komine, Urwego rw'abajenama ba komine, hamwe na Musitanteri wa komine atowe n'Inama y'abashingantahe ba komine.

Ibwirizwa ni ryo ritomora ingene izo nzego zitorwa.

Itora ryazo rishimikiye ku bushingantahe, ridafatiye kw'ihiganwa ry'imigambwe.

Ingingo ya 179

Inzego z'igihugu zitegerezwa kwitwararika iterambere ry'amakomine yose, ata yisigaye inyuma, zifatiye mu gusabikanya itunga ry'igihugu.

Ikigabane c'icumi na gatatu

IVYEREKEYE ISUBIRWAMWO RY'IBWIRIZWA NSHINGIRO

Ingingo ya 180

Ibwirizwa Nshingiro risubirwamwo bisabwe n'Umukuru

Titre XII

DES COLLECTIVITES TERRITORIALES

Article 177

La commune ainsi que d'autres entités territoriales de la République sont créées par la loi.

La loi détermine les principes fondamentaux de leur statut, de leur organisation, de leurs compétences ainsi que de leurs ressources.

Article 178

La commune est administrée par l'Assemblée communale, le Conseil communal et l'Administrateur communal élu par l'Assemblée communale.

Ces institutions sont élues dans les conditions prévues par la loi.

L'élection de ces organes se fonde sur **Ubushingantahe**, en dehors de la compétition des partis politiques.

Article 179

L'Etat veille au développement harmonieux et équilibré de toutes les communes sur base de la solidarité nationale.

Titre XIII

DE LA REVISION DE LA CONSTITUTION

Article 180

L'initiative de la révision de la Constitution appar-

w'igihugu abanje guhanuza Urwego Nshikiranganji canke bisabwe n'abarenga ica kabiri c'abagize Inama Nshingamateka.

Integuro y'ingingo ihindura Ibwirizwa Nshingiro iyo ari yo yose yemezwa n'ivya bitanu bine vy'abagize Inama Nshingamateka.

Ingingo ya 181

Umukuru w'igihugu arashobora gucisha mw'itora ry'abarundi bose integuro y'ingingo ihindura Ibwirizwa Nshingiro.

Ingingo ya 182

Nta na rimwe integuro y'ingingo ihindura Ibwirizwa Nshingiro izokwemerwa mu gihe yoza itegekanya ko Uburundi buretse kuba Repubulika, canke ko bwegamiye idini iryo ari ryo ryose, ihungabanya ubumwe bw'abarundi, canke ishinga ko imbibe z'igihugu zihindurwa.

Nta na rimwe integuro y'ingingo ihindura Ibwirizwa Nshingiro izokwemerwa mu gihe igihugu catewe, canke ata mahoro akirangwamwo.

Ikibane c'icumi na kane

IVYEREKEYE INGINGO MFATAKIBANZA N'IZISOZERA

Ingingo ya 183

Mu gihe zidateye kubiri n'iri Bwirizwa Nshingiro, ingingo z'amabwirizwa n'amategeko yari ahasanzwe ziguma ziku-

tient concurremment au Président de la République après consultation du Gouvernement et à l'Assemblée Nationale statuant à la majorité absolue des membres qui la composent.

Le projet ou la proposition d'amendement de la Constitution est adoptée à la majorité des quatre-cinquièmes des membres composant l'Assemblée Nationale.

Article 181

Le Président de la République peut soumettre au référendum un projet d'amendement de la Constitution.

Article 182

Aucune procédure de révision ne peut être retenue si elle porte atteinte à l'unité nationale, à la forme républicaine et à la laïcité de l'Etat ainsi qu'à l'intégrité du territoire de la République.

Aucune procédure de révision ne peut être engagée ou poursuivie lorsqu'il est porté atteinte à l'intégrité du territoire ou en cas de troubles internes graves.

Titre XIV

DES DISPOSITIONS TRANSITOIRES ET FINALES

Article 183

Dans la mesure où elles ne sont pas contraires à la présente Constitution, les dispositions législatives

rikizwa gushika zihindurwe canke zifutwe.

Ingingo ya 184

Mu kurindira itorwa n'irahira ry'Umukuru w'igihugu nk'uko bitegekanijwe n'iri Bwirizwa Nshingiro, Umukuru w'igihugu arongoye igihugu muri iki kiringo ni we abandanya arangura amabanga y'inzego nshingwantwaro, biciye mu mategeko ashinga aterwako igikumu n'Umushikiranganji wa mbere hamwe n'abashikiranganji vyega.

Amategeko yerekeye igihugu ashingwa ashikirijwe n'abashikiranganji yega mu mabanga yabo kandi akabanza kwemezwa n'Inama Nshikiranganji.

Ingingo ya 185

Mu kurindira ko hatorwa Inama Nshingamateka nk'uko iri Bwirizwa Nshingiro ribitegekanya, Umukuru w'igihugu muri iki kiringo ni we ashinga amabwirizwa, biciye mu mategeko-bwirizwa afata agaterwako igikumu n'Umushikiranganji wa mbere hamwe n'abashikiranganji vyega.

Ayo mategeko-bwirizwa afatwa abanje gushikirizwa n'abashikiranganji vyega kandi akemezwa n'Inama Nshikiranganji.

Ingingo ya 186

Iri Bwirizwa Nshingiro rigitangura gukurikizwa, Umukuru w'igihugu arongoye igihugu muri iki kiringo aca ashinga Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro nk'uko bitegekanijwe kuva ku ngingo ya 149 gushika ku ya 155 y'iri Bwirizwa Nshingiro.

et réglementaires antérieures à son entrée en vigueur restent d'application jusqu'à leur modification ou à leur abrogation.

Article 184

En attendant l'élection et la prestation de serment du Président de la République conformément à la présente Constitution, le Président de la République en fonctions exerce le pouvoir exécutif et réglementaire par voie de décrets contresignés par le Premier Ministre et les Ministres intéressés.

Les décrets ayant un caractère de réglementation générale sont pris sur rapport des Ministres intéressés et après avis conforme du conseil des Ministres.

Article 185

En attendant l'élection de l'Assemblée Nationale conformément à la présente Constitution, le Président de la République en fonctions exerce le pouvoir législatif par voie de décrets-lois contresignés par le Premier Ministre et par les Ministres intéressés.

Ces décrets-lois sont pris sur rapport des Ministres intéressés et après avis conforme du conseil des Ministres.

Article 186

Dès l'entrée en vigueur de la présente Constitution, le Président de la République en fonctions met en place la Cour constitutionnelle telle que prévue aux articles 149 à 155.

Ingingo ya 187

Iyo Umukuru w'igihugu atariho ari, afise ivyamufatiriye canke ntashobore kuba akirangura amabanga ajejwe, amabanga yiwe arangurwa n'Urwego Nshikiranganji.

Article 187

En cas d'absence, d'empêchement du Président de la République ou de vacance de la présidence, les fonctions du Président de la République sont exercées provisoirement par le Gouvernement.

Ingingo ya 188

Mu matora ya mbere y'Umukuru w'igihugu n'ay'abashingamateka, uwuzokwitoza ku giti ciwe azoba ari uwo wese amaze amezi icenda canke arenga ata mugambwe n'umwe arimwo mu gihe co kwiyandikisha.

Article 188

Aux fins des premières élections présidentielles et législatives, est considéré comme indépendant le candidat qui, au moment de la présentation des candidatures n'appartient à aucun parti politique depuis au moins neuf mois.

Ingingo ya 189

Iri Bwirizwa Nshingiro rigenga kazoza, ntiryerekeye kahise.

Ibwirizwa Nshingiro ryemejwe kw'igenekerezo rya 18 Munyonyo 1981 rigashirwako igikumu kw'igenekerezo rya 20 Munyonyo 1981 rirafuswe.

Iri Bwirizwa Nshingiro ryemejwe mw'itora ry'abarundi bose ryo kw'igenekerezo rya 09 Ntwarante 1992 ritangura gukurikizwa umusi rishizweko igikumu n'Umukuru w'igihugu.

Article 189

La présente Constitution dispose pour l'avenir et n'est pas d'application rétroactive.

La Constitution de la République du Burundi adoptée le 18 novembre 1981 et promulguée le 20 novembre 1981 est abrogée.

La présente Constitution, adoptée par référendum du 09 mars 1992, entre en vigueur le jour de sa promulgation.